# *IMBOHE*

. . . ubugira kandi hano, mw'Izina ry'Umwami Yesu, no kwumva ibikorwa bihambaye kandi vy'inkomezi Wakoze, imbere. kandi ubu naho hariho ico twiteze, kuko ivyo bikuza ukwizera kwacu bikanadusiga amavuta, kugira ngo twizere yuko ivyasabwe kuri uyu mugoroba biza kuboneka. Urazi umwumwe wese muri bo, n'ivyo basavye vyose. Kandi turabasengeye, cane cane, Mwami, abo bari hafi cane y'urupfu. Zana amahoro mu mishaha yabo namba atarahashika. Uzane ugukira ku mibiri yabo. Bikore, Mwami.

2 Hezagira ugukorana kwacu. Tu—turasenze, Mwami, muri iki gikorane c'amasengesho co kuri uyu wa gatatu ku mugoroba, ngo, mu gihe twakoranye, tuzi ko aho babiri canke barenga bakoraniye hamwe, Uzoba uri kumwe natwe. Kandi turaGusavye, Mwami, ngo Uduhe Ijambo ryaWe uyu mugoroba. Vugana natwe, Mwami, kandi Ususurutse imitima yacu mu buryo budasanzwe, kugira ngo tumenye ukuntu twitwara kubw'igihe gihambaye kiri imbere yacu, mu gihe twizeye yuko turiko turegereza Ukuza kw'Umwami.

3 TuraGushimiye ku bantu ubu batanguye kubona yuko ukwizera gufise ikigiciro kuri bo, no kumenya ico ukwizera gusigura. Kandi mu kumenya ivyo, turanaGushimiye ku bikorane bikiri imbere, twizera yuko hari ikintu Ugiye gukora. Mwami, turindiranye igishika, nko mu minsi ya kera, twizeye ko igihe cegereje aho Ugiye kwugurura amadirisha y'Ijuru Ugacukumbura amasezerano Imana Yasezeranye muri iki gihe c'iherezo.

4 None turaGusavye, Mwami, ngo—ngo Ubane na bose, mu mahanga yose, nk'uko iki gihe twumva benshi cane hirya no hino, hose, bafise ivyo bakeneye. Bahe ivyo basaba, Mwami. Kandi turasaba ngo tubone i—ikiganza gihambaye c'Imana kigendagenda hose mw'isi, mu biteze ico kintu gihambaye.

5 Uduharire ivyaha vyacu. Uduhane, Mwami, Uduhanishije Mpwemu WaWe n'Ijambo ryaWe, kugira ngo dushobore kwitoza indero, ngo tube abasavyi bumvira, abasavyi bumvira ubugombe bw'Imana. Reka twibuke, kandi tugerageze kwiyumvira mu mitima yacu, ico Abakristo ba mbere bakoze. Boba ari abantu bameze gute twoba duhuye nabo, hamwe twohura n'abo bantu bihuriye naWe ubwabo. Ese ukuntu mu maso habo hoba hakayanganishwa n'ukwizera be n'umunezero. Ese ingene ubuzima bwabo bwategerezwa kuba bwari Ijambo rizima ry'Imana, bari nyene "ivyete vyanditswe bisomwa n'abantu bose," mu gihe bagendera mu bantu. Mana, Ongera Ubikore irindi rimwe.

6 Reka ubuzima bwacu bube ubuganjwe cane na We, ku buryo Mpwemu Yera Aza kuba muri twebwe ubwiWe, Akavugira muri twebwe, Mwami. Ese twovyibuka, bikaba ku mutima, uko tugendagenda mw'ibarabara tugendana n'ab'isi, ko tudakwiye kuba nk'abo. Turegerayo tukabaha ikibanza, Mwami, mu kibanza cabo bafitiye uburenganzira hano kw'isi. Twicara inyuma, tuzi ko turi intumwa zivuye mu yindi si. Dufise Ubwami bugiye kuza mu nkomezi, Mwami. Kandi Umwami Wacu Ahambaye Agiye kuza vuba maze Aganze ubwami bwose buri mw'ishamvu yiWe. Kandi Azotwara Yongere Aganze; turi kumwe na We hano kw'isi, imyaka igihumbi, hanyuma tubane na We ibihe vyose.

7 Dufise ivyo ku muzirikanyi, Mwami, ubu turindiranye igishika inyishu y'isengesho ryacu. Turaba ku kwatura kwacu. Namba hari na kimwe twakoze, twavuze, canke twiyumviriye, cari kinyuranye n'ubugombe bwaWe buhambaye, reka Amaraso Ya Yesu Kristo Atwoze.

8 Turongore, Mwami, nk'uko mushiki wacu yavuze uyu mugoroba, ku bijanye na we n'umugabo wiwe bari mu nzira baja i Chicago. Barongore, Mwami Mana, aho Ushobora kubakoresha, kugira ngo babe imishwarara y'umuco ku bandi bariko barakabakaba mu mwiza, batazi Umwami Wacu Yesu. Ubu turaGushikirije iki gikorane, twumvirize Ijambo RyaWe ryo gukosora, kugira ngo tumenye ingene twokwitegurira iki gihe gihambaye, ni mw'Izina rya Yesu tubisavye. Amen.

[Agace atakiriko kuri bande. Mwene Data Neville aravuze amajambo—Umw.]

Umwami Aguhezagire. Urakoze, mwene Data.

9 Vyasa gato n'ibititezwee kuri jewe. Jewe, mu gihe ndi ng'aha muhira, nibwiye yuko mu gihe ata hantu hanaka ntegerezwa kuja vy'ukuri, vyihuta, nokwiyumva nabi cane, ngumye muhira sinze mu gikorane c'amasengesho. Kandi ni nk'aho naje giturumbuka, ntabiteguye, ubwanje, no ku muryango wanje nyene. Naraje, nca nsubira kugenda ubwo nyene. Niho rero naca mvuga nti: "Ndagiye mu gikorane c'amasengesho." Ntiyanaronse n'umwanya wo kwitegura ngo aze, kuko atari azi yuko nariko ndaza.

10 Rero ndanezerewe kwumva intahe ya mushikiwacu hariya, mwene Data, ku bijanye n'uwo Muco hariya muri Carolina y'Ubumanuko canke Carolina y'Uburaruko, ahantu hanaka. Hari Greenville, si vyo? [Mushikiwacu avuze ati: "Oya. Southern Pines."—Umw.] Southern Pines. Ego.

11 MweneData Lee Vayle yari ng'aha nyene uno munsi. Namubatije, uno munsi, mu gikorane c'umubatizo hano uno munsi. MweneData Lee Vayle, murazi, umwe mu bakozi b'Imana hariya, Mwene Data Parker Thomas. Hariho i . . .

12 Ndibuka ca—ca gihe, aho mushikiwacu umwe yari atwikiriwe n'igitutu. Cabaye icemezo gikomeye, mushikiwacu, c'ico i. . . Mpwemu Yera rimwe na rimwe Aratureka tukabandanya maze Agapima ukwizera kwacu, ngo Arabe ico. . . Agapima n'ukw'izera kw'abandi. Iyo uriko uraraba utumbereye ikintu kiri imbere yawe, ukabona ikintu kinaka, maze ukakivuga; abandi bakaraba ntibakibone, baca bavuga yuko ata kiriho. Murabona? Ariko ni ho kiba kiri.

13 Nta n'umwe yashobora kubona wa Muco wari hejuru ya Paulo, ariko Wari ng'aho. Nta wundi yabonye ya numa imanuka iva mw'Ijuru, muri urya Muco, muri irya shusho, ikaja hejuru ya Yesu, kiretse Yohana ubwiwe. Ariko niho Yari iri. Murabona?

14 Kubw'ivyo rero, ubwo, mu nyuma igihe nahora mbwira abantu ivy'uwu Muco Usa n'Inkingi y'Umuriro, nta n'umwe yashaka kuvyemera. Ariko ubu ijisho ry'icuma gifotora ryaraWerekanye.

Impwemu mbi nayo irirabura.

15 Ni co kimwe n'ubuzima bwacu, turi ibitutu. Kandi turi, namba turi umuco, turi, namba ubuzima bwacu buhuza n'Umuco w'igihe, tugendera mu Muco.

16 Ni nk'aho woraba hanze ukavuga uti: "Ndabona izuba," ku murango. U—ubona igitutu c'izuba. Ni ikigaragaza izuba**.** Si izuba, ubwaryo, ariko vyemeza yuko hariho izuba. Vyemeza yuko hariho izuba.

17 None rero iyo mbonye, nka mwebwe mwicaye aho, mwipepera, muganira, bisigura ko muri bazima, ariko ni igitutu gusa c'ubuzima.

18 Kuko, ikintu cose gitegerezwa kugira umwijima muri co, kugira ngo kizane igitutu. Murabona? Kuko, igitutu gitegerezwa kuba gifise umwijima mwinshi cane n'umuco mwinshi cane, kugira ngo habe igitutu. Kandi ntibishobora kuba umwijima vyose icarimwe, kandi ntibishobora no kuba umuco vyose icarimwe. Iyo ari umwijima, aba ari umwijima nyawo. Iyo ari umuco, nta gitutu kihaba, nta kiriho kizana igitutu. Ariko iyo bivanze umwiza n'umuco, bizana igitutu.

19 Rero vy'ukuri turi ibitutu vy'umuco. Mu bisanzwe muriko mwererekana ubuzima buva ahantu hanaka. Namba ubikora, ukaba uri Umukristo, ivyo bikaba ari igitutu, vyemeza gusa ko hariho Ubuzima aho udashobora gupfa, kuko ubu buzima burimwo urupfu. Murabona? Ariko ni igitutu, kuko uri ikiremwa kizima, kigendagenda gifise ubushobozi bwo kubona, kwiyumvira, kugenda, no kuvuga, na za nzira nyumviro zitanu z'umubiri. Ariko naho biri uko murazi, bo, bari ku mpfiro. Kandi hari ingorane cane rwose. Murazi, bishobora kuba gusa i. . . Ni ikigaragaza, murabona, ko hariho ubuzima n'urupfu bivanze hamwe.

20 Ivy'umubiri bitegerezwa gupfa. Ariko namba uriko uragaragaza, biciye ku buzima bwawe bupfa, Umuco wo mw'Ijuru, aho uriko uragaragaza Ubugingo Budashira, Imana. Rero iyo upfuye, nta kindi ushobora gukora atari ukuja muri uwo Muco, kuko ni Wo wagaragaje.

21 Nimba uri uwo mw'isi y'umwiza, ugaragaza ivyo, nta yindi nzira ujana atari iy'umwijima. Murabona? Rero turi mu kugaragaza. Rero, turabona ko nk'uko ata nkeka Mpwemu Yera Agaragaza Umuco n'Ubuzima, ni ko n'urupfu rugaragaza umwijima.

22 Kandi ng'ivyo ni ho vyompi biri. Ejo-. . . Gushika mu mpera z'indwi, kumbure ku w'iyinga, tuzokwagura irya foto ntoya tuyigire niniya, maze ishobore gushirwa ku kibaho c'amatangazo.

23 Aho, ifoto *yanyu* imanitse hariya ku kibaho c'amatangazo. Sinzi namba mwarabibonye, canke mutabibonye. Hanyuma . . .

Kandi haraciye nk'indwi, muri—muri Jamaica, aho nariko ndakora igikorwa c'ubumisiyonari . . . Turarungika amabande kw'isi yose. Kandi *Amashashara Indwi* caragiye gushika . . . kure cane mu ntara zo hagati za Jamaica, hariya mu gihugu hagati. Kandi ni ahantu bakiri mu vya kera cane hariya, inyuma y'umusozi Bleue Mountain. Kandi abasangwabutaka, rimwe na rimwe, barafise i—i radiyo ivuza bande twabahaye, iyo ubwirizwa ku—kugira, nka Victrola ya kera, urayizungurusha, hanyuma ukayireka—ukayireka ikavuga gutyo. Hanyuma, buri kanya gatoya, bisaba ko umuntu ayizungurusha.

24 Uyu mugwi wari ufise i—i bateri ntoya . . . , ibateri y'inguvu z'amavoroti zitandatu, canke ikindi kintu, kivuza iradiyo y'amabande. Ba—bari bicaye hamwe bose, nk'uko bimeze ng'aha uyu mugoroba, bumviriza *Amashashara*, nibaza yuko vyari ivyo. Mu gihe nariko ndavuga, barabonye yuko, muri ico cumba, hinjiye ya Nkingi y'Umuriro nyene, Yerekeza ahantu hari iyo radiyo Ica Ihagarara hejuru yayo. Baciye baja kurondera icuma co gufotora baraYifotora. Ya Yindi nyene, ng'Iyo aho iri, Ihagaze hejuru y'iradiyo. Ubu tugiye kuyagura, ku buryo dushobora kuyishira ku ki—kibaho c'amatangazo hanze, kugira mushobore kuyibona.

25 Turakenguruka cane ubuntu bw'Imana bwazanywe mu . . . twinjira mu Nyonga hiWe muri iki gihe. Rero turakenguruka kubw'ibintu vyinshi.

26 Rero niyumvira ko nza kuraba hano ndabe namba noshobora kuronka ivyo noba naranditse canke ikindi kintu noba naravuzeko. Canke, turonke ikintu kanaka c'i—i . . . Naronse igisomwa kanaka canditse, ico ari co cose, inyuma hano mu gitabu. Namba nshobora kukironka, kumbure Umwami Arampa ico mvugako ikintu, mu gihe dusenga.

Rero, hariho ico twiteze ku munsi w'iyinga.

27 Namye mvuga mu Butumwa. Kandi, ku w'iyinga, nabagumije hano umwanya muremure, mvuga kuri, "Kuki uNtakira? Barira abo bantu maze mubandanye."

28 Rero, ku munsi w'iyinga ni igikorane co gukira indwara aho abarwaye bazosengerwa. Rero, muzozane abarwaye, hategerezwa kuba hariho imvo kanaka ituma abarwayi, igihe tubasengeye, iyo badakize, nashaka kugira, Umwami Abishatse, biciye ku butumwa bugufi gusa ku munsi w'iyinga mu gitondo, ku. . . Rero, nzogira igikorane co gukira indwara, no gusengera abantu bose. Kandi Billy Paul canke bamwe muri bo bazoba bari hano kuw'iyinga mu gitondo, nk'isaha zibiri, igihe urusengero rwugururwa, kugira ngo bahe abantu amakarata igihe bariko binjira, canke igihe ico arico cose binjiye.

29 Kandi ubu, rero, ndashaka kugerageza, ndizera ko Umwami hari ukuntu Yantahuje gatoya ku mvo zituma hari abantu bamwe bamwe badakira. Kandi ni—nibaza ko ari ukubura ugutahura. Kandi nda—ndibaza, kumbure, tuzobivugako, kuw'iyinga mu gitondo, Umwami Abishatse.

30 Rero, igikorane c'amasengesho co ku wa gatatu ku mugoroba ni igikorane c'umwanya muto gusa aho dukorana tugasenga, nkuko tubigira, tukaja hamwe.

31 Rimwe na rimwe, ni—nibaza yuko kimwe mu bintu bikomeye mbona muri iki gihe, ni ukubura ugushimika ku vyo twizeye. Murabona? Murabona? Iyo Imana, mu gihe ca John Wesley, Iba Yarakoze muri ico gihe ivyo Yakoze muri iki gihe, vyari gukora iki; mu gihe ca Martin Luther, canke mu gihe c'uwundi wese? Nk'uko tuMubona Akora, vyompi vyemezwa n'Ishengero, na Mpwemu, n'ubumenyi, n'ibikorwa vyose, iyo—iyo—iyo shusho itegerezwa kuvyemera. Kandi Ijambo ry'Imana hano Rirabimenyesha kandi Rirabivuga imbere yuko Bishika. Hanyuma Ikabandanya, Igatanga ubuvugishwa, Ikagaragaza ko ca kintu nyene Yavuze, vyose bizoshika neza rwose, neza na neza nk'uko Yavuze. N'ubwo biri uko twigumira nga'aho nk'abanebwe, nk'abatangaye. "Ndibaza namba ivyo harico bindabako? Ndibaza namba bitoba biraba gusa i—ishengero, muri rusangi? Canke—canke, ndibaza namba vy'ukuri ndi muri Ivyo?" Niyumvira yuko, ku w'iyinga mu gitondo, nzogerageza kuvuga kuri zimwe muri izo ngingo ngenderwako zishobora kuduha umuco gatoyi.

32 Rero, uyu mugoroba, nabonye ikintu kimwe, nashikiyeko nyene hano, imbere y'uko nza. Niyumviriye nti: "Gute hamwe Mwene Data Neville, mbaye nshitse ng'aho, agaca avuga ati: 'Haguruka uvuge,' maze agaca yiyicarira?" Murabona? Niyumviriye nti: "Vyombera vyiza nanditse Ivyanditswe bikeya." Kuko, ndabizi, we, ni mwene Data mukundwa cane, natwe tu—turamushima.

33 Imbere yuko dusengera Ijambo, nshaka kwerekana mwe—mwene Data umwe. Sinshobora no kuvuga izina ryiwe uyu mwanya, babiri muri bo. Bari hano, abagenzi banje. Ba. . .Ni abakozi b'Imana n'abavugabutumwa, mu gikorwa c'ivugabutumwa, baja hanze. Bumvise ubu Butumwa biciye ku mabande. Kandi bava mu madini atandukanye, abasore babiri. Kandi uwo musore, umwe muri bo arabishaka cane rwose, gushika aho yafashe indege, aza Tucson, ubu vuba cane, turiko turasozera igikorane. Nibaza ko nari mu gikorane c'Akavunamusase c'abagwizatunga. Maze uwo musore, umusore mwiza, aca araza. Kandi ni . . .

34 Bava muri Kansas. Bafashe urwo rugendo rwose baza kugira ngo ndabaraganishe. Ivyo ndabishima. Kwiyumvira ko abantu bizera amasengesho yawe, mu buryo buhagije, bizera ko Imana Yumva kandi Yishura; abakiri bato bagitanguye ubuzima, nk'uku. Kandi igihe bashika hano kugira ngo ndabaraganishe, ejo hahise, basanze amategeko ya leta ya Indiana asaba, ko naho bafise n'ibipimo vy'amaraso, barindira hano muri iyi reta, iminsi itatu, imbere y'uko babirana. Rero, ntibashobora kuragana gushika ku wa gatanu mu gitondo.

35 Kandi ndaza gusaba mwen Data ng'aho ku mpera, namba yohaguruka akatubwira uwo ari we, n'umupfasoni wiwe akiri muto w'igikundiro, na mwene Data akurikira.

36 [Mwene Data avuze ati: "Urakoze, Mwene Data Branham. Ngiriwe ibakwe kuba ng'aha. Ndi Mwene So Roger O'Neil, mba muri Kansas, nkora ingendo z'ubumisiyonari, nk'umukwiragizabutumwa, ngenda mvuga nti: 'Yesu Aratanga agakiza, Arakiza indwara, biciye mu kwizera Yesu. . .?. . .' Iminsi yose ntwara. . .?. . .Uyu ni umukunzi wanje, Patricia Brown. Tuzokubaka urwacu, ku wa gatanu. Uyu n'uwo dufatanya ivugabutumwa dukorana, Mwene Data Ronnie Hunt, hano ku mpera. Uyu na we ni umukunzi wiwe, Carol. . .?. . . Kandi turanezerewe kuba hano uyu mugoroba."—Umw.]

37 Murakoze, cane. Turipfuriza ata nkeka aba baserukizi bakiri bato, mu gikorwa c'Umwami Yesu, imihezagiro y'Imana, ngo ibahe umuvuduko mu rugendo. Kandi igihe nariko ndibaza, ndindiriye Ukuza kw'Umwami, no kubona abagabo bakiri bato n'abagore bakiri bato bafise intumbero mu mutima, yo gukorera Kristo, ivyo biranezereza rwose, murabona, kubabona bahaguruka nk'uku. Umwami Aguhezagire, cane rwose, mwene Data, mushikiwacu.

38 None rero reka tuzingurure Igitabu gitoyi ntari bwigere mvugako mbere, mu buzima bwanje. Ni i. . .Igice kimwe gusa, Igitabu ca Filemoni. Kandi ni i . . .

39 Ndi umunya Irlande gatoya gusa, nda—ndafise akuma ku menyo yanje yo hasi, kugira ngo kagumye ay'inyuma. Nda, nda, rimwe na rimwe simvuga neza ayo mazina, kandi ndayazi ayo ari

yo. Rimwe na rimwe simbasha kuyavuga neza, kubera ko ntize. Rero, “Filemoni,” ni ko umuntu yavuze hariya, ivyo nibaza yuko vy’ukuri ari bwo buryo bwiza bwo kurivuga.

40 Rero, umurongo wa 1, ndashaka gukuramwo ijambo rimwe canke abiri gusa.

*Paulo, imbohe ya Kristo Yesu, . . .*

41 Kandi ivyo ni vyo nshaka gukoresha uyu mugoroba, nk’igisomwa, Umwami Abigomvye, ni: *Imbohe*.

42 Rero, ntushobora kwiyumvira ko Paulo yifata ubwiwe nk’imbohe. Umuntu yavutse yidegemvya, yuzuye Mpwemu Yera, ariko n’ubwo biri uko akiyita “imbohe.”

43 Kandi rero turabona yuko, iyo ariko abwira ab’i Korinto, avuga ati: “Paulo, intumwa ya Yesu Kristo.” Ikindi gihe, ati: “Paulo, umugurano wa Yesu Kristo kubw’ubugombe bw’Imana,” igihe ariko aravugana na Timoteyo, n’abandi batandukanye. Igihe yandikira Filemoni hano, yavuze ati: “Paulo, imbohe ya Kristo Yesu.” “Paulo, intumwa,” ndipfuza kuvuga umugoroba umwe kuri ivyo. “Paulo, u—umugurano,” kuvuga ubutumwa kuri ivyo. Hanyuma, “Paulo, imbohe.”

44 Ariko, uyu mugoroba, kubera ko vyofata amasaha menshi kugira ngo umuntu yihweze neza kimwe muri ivyo vyigwa, nshaka gufata, uyu mugoroba, “Paulo, imbohe,” no gufata icigwa: *Imbohe*.

Reka twunamike imitwe yacu akanya gatoya.

45 Mwami Yesu, umuntu wese, afise ashoboye mu buryo bw’umubiri, arashobora kuzingurura impapuro z’iyi Bibiliya, ariko Mpwemu Yera Wenyene niWe Ashobora kuYisobanura mu muco w’ico bisobanura. TuraMusaba ngo Aze ubu Adufashe gutahura ico bisobanura, n’ico vyari bigamije, uyu muvugishwa ahambaye, w’inkomezi, Paulo, ariko akiyita “imbohe.” Mpwemu Yera Abiduhishurire mu gihe tuMwiteze, mw’Izina rya Yesu Kristo. Amen.

46 Ndashobora kwibaza, Paulo, igihe yandikira Filemoni iri kete, ingene yari yicaye mw’ibohero, hasi mu nzu y’imbohe y’ico gisagara, i—i—imbohe. Kandi yarashoboye kumenya neza, kubw’ikibanza yarimwo, ico iryo jambo ryasigura. Yari akikujwe n’i—n’i—n’inzitiro z’ivyuma. Yari ashoboye gusa kwidegemvya ar’uko hari umuntu amurekuye ngo yidegemvye. Kandi yari azi ico ari co kuba imbohe. Kandi rero, na none, nibaza ko i—intumwa yashaka kuvuga gusa . . . ntiyabivuga neza na neza ku kuntu yari ameze ico gihe, nk’imbohe mu buryo bwiwe—bwiwe bw’umubiri yicaye aho muri iryo—muri iryo bohero. Ariko nibaza ko yariko avuga ku—ku bijanye n’impwemu yi—yi—yiwe, ubugombe bwiwe, kuba imbohe ya Yesu Kristo.

47 Rero, twese twavutse, twidegemvya mu vy’inyifato runtu, kugira ngo dufate ingingo iyo ari yo yose twipfuza. Ivyo Imana

Irabikora mu buryo bubereye. Kuko, Itegerezwa gushira umuntu wese ku rufatiro rumwe, atari uko Yashize umuntu atari we ku. . . Yashize umuntu wa mbere ku rufatiro rutari rwo, ko Yamushizeho mu mwidegemvyo wo kwihitiramwo. Murabona? Turi neza na neza, uyu mugoroba, nka Adamu na Eva. Nta tandukaniro. Iciza n'ikibi bishirwa imbere y'umwe wese muri twebwe. Ubuzima n'urupfu, turashobora guhitamwo; ni ahawe, kugira ngo ubikore. Murabona?

48 Uko ni ko Adamu na Eva bakoze, murabona, kandi—kandi bahisemwo nabi. None rero, kubw'ivyo, vyashize ubwoko bwose, ubwoko muntu, munsi y'urupfu, igihano c'urupfu.

49 Hanyuma Imana Iramanuka mw'ishusho y'umuntu Ifata urwo rupfu, Iriha igihano c'urupfu, ngo u. . . AbaYo bashaka ku—kuba abidegemvya bashobore kwidegemvya.

50 Rero, namba Idufata, atari mu buryo bumwe nk'uko Yafashe Adamu na Eva, Ikaducisha mu kintu kinaka gusa, Ikavuga Iti: "Nzobakiza, mwaba mushaka gukizwa canke mutabishaka," aho Yoba Yashize Adamu na Eva ku—ku rufatiro rutari rwo, murabona. Ariko umwe wese muri twebwe ategerezwa guhitamwo, uno munsi, hagati y'urupfu n'ubuzima. Turashobora kubikora.

51 Nk'uko mpejeje kubivuga, nimba umuco wawe uzokwemeza, ubuzima bwawe buzokwemeza neza neza uruhande uriko. Sinitayeho uruhande uvuga ko uriko. Ivyo ukora, iminsi yose, nivyo vyemeza ico uri. Mwarumvise umugani wa kera ngo: "Ubuzima bwawe buravuga cane, ku buryo ntashobora kwumva intahe yawe." Murabona? Ibi—ibikorwa vyawe biravuga cane.

52 Namye nizera ivyo gusemerera no gusimbasimba. Ariko namye mvuga nti: "Ntusimbe hejuru kuruta ubuzima bwawe, kuko isi ni vyo izoraba." Murabona? Utegerezwa gusa gusimba kugeza aho ubuzima bwawe bugera, rero, kuko hariho umuntu kanaka ariko arakwitegereza. None rero igihe. . .

53 Abantu ntibazoza mw'ishengero. Ba—ba, benshi muri bo, ntibazoza. Kandi bamwe muri bo, bataza, ni abantu b'inzirabugunge. Babonye ukwononekara kwinshi cane mw'ishengero, gushika aho badashaka kugira ico bahurirako na vyo. Kandi kenshi, tuvuze dufatiye ku ngingo isanzwe nk'iyo, vyokugora kubacira urubanza, murabona, kubera i—ingene abantu bitwara. Biyita Abakristo. Ni bo gitsitaza ca mbere gikomeye isi ifise, ni umugabo n'umugore batura ko ari Abakristo, ariko bakabaho binyuranye n'ukwatura kwabo. Ivyo ni vyo neza na neza.

54 Rero, kuvyo gutangara bizoba ku Rubanza. Umunyavyaha, uwukora magendo, umukinyi w'akamari, umusambanyi, nta—ntazotangazwa no kwumva urubanza rwiwe rusomwa ngo : "Genda mu muriro udahera." Ntazotangara. Ariko urya muntu agerageza kwinyegeza inyuma y'ukwatura

kanaka kw'ishengero, uwo niwe muntu azotangara ku Munsi w'Urubanza. Murabona? Uwo yatura ko ari Umukristo, hanyuma akabaho binyuranye. Vyoba vyiza kuri we atigeze agira ico yatura na kimwe, atigeze anatangura, kuruta gutangura hanyuma akabaho bitandukanye. Kuko, ni we gitsitaza gikomeye kuruta ibindi bibaho, ni uwo yatura avuga ko a—a—ari Umukristo, agaca abaho bitandukanye na vyo.

55 Igihe cose, ntugacire urubanza ubuzima bwawe ku bubasha ufise bwo gukora ibitangaza. Kandi ntitwicire urubanza ku bumenyi ufise bw'Ijambo. Ariko wame wicira urubanza, uravye inyuma maze ukisuzuma ubwoko bw'ivyamwa ubuzima ubayeho ubu buriko burama. Murabona?

56 Nk'uko nabivuze mu butumwa haciye igihe, mu gikorane c'abagwizatunga i Phoenix muri Arizona, kuvy'ukugaragazwa kwa Yesu, kugaragaza Ubuzima bwa Rukristo. Navuze ko navukiye hano muri Kentucky, ahantu mu minyaganyaga, na cane cane igihe nari umwana. Kandi uwo muhungu mutoyi ntiyigeze agira i—i—i—inzu nk'izo dufise ubu, aho twari dufise abapfasoni beza benshi bategerezwa kuraba mu vyirore, mu nzu yose, kugira ngo umushatsi wabo ugume umeze neza, n'ibindi. Ariko yari afise akirore gatoyi, agace gatoyi gusa kamanitswe ku giti hanze, ahari intebe bogerako, aho nyina na se bakarabira, bagasokoreza imishatsi, n'ibindi, bifashishije ako gapande k'icirore ca kera kamanitswe ku giti.

57 Mu vy'ukuri, ubwo ni bwo bwoko bw'inzu twari dufise, hagize uwushaka kubona icirore, twebwe abana, twabwirizwa kurondera isandugu kugira dushikire intebe bogerako, tukiraba muri ico gipande c'i—c'icirore ico natoye jewe nyene aho bata umwavu. Aho ntihari muri Kentucky. Aho ni hano muri Indiana, aho kuri Utica Pike.

58 Rero, uwo mwana muto ntiyari bwigere yibona neza na neza nk'uko. Nuko, aza mu gisagara, kuramutsa inakuru. Nuko kuri . . . Ariko aratembera mu cumba, inakuru yari afise inzu yari ifise icirore gikwiye ku muryango. Nuko rero, uwo muhungu mutoya, ariko yiruka mu—mu cumba, yabonye uwundi muhungu mutoya yirukanga imbere yiwe. Uwo muhungu muto yariko ariruka, na we nyene. Yaciye rero yiyumvira ko yohagarara umwanya mutoyi akaraba ico uwo muhungu mutoyi aca akora. Kandi igihe yahagarara, uwo muhungu mutoya yaciye ahagarara. Igihe yahindukiza umutwe, uwo muhungu mutoyi yaciye ahindukiza umutwe. Yiyagaje mu mutwe, uwo muhungu muto yaciye yiyagaza nawe. Mu nyuma, aca aregereza, kugira atohoze. Aca arahindukira. Nyina yariko aramwitegereza, na inakuru, batangaye. Yaciye avuga ati, "Erega, mama, ni jewe."

59 Nanje rero navuze, yuko: "Na twebwe nyene, hari ico turiko turerekana." Murabona? Ubuzima bwacu burerekanwa.

60 Mbega none, iyo tubaho mu minsi ya Nowa, twari gufata uruhande rwa nde? Twari gufata uruhe ruhande muri ico gihe gihambaye Nowa yabayemwo? Twari gufata uruhe ruhande mu gihe ca Mose? Ni uruhe ruhande mu gihe ca Eliya, umuvugishwa, igihe isi yose yari yazimiriye mu—mu bintu bikomeye vy'i—ibigezweho, nka Yezebeli yari agezweho, yari yakwegeye abasavyi b'Uhoraho bose muri iyo nzira y'ivy'isi? N'ishengero n'abaherezi bose bakaba baramwunamira. Mbega wari gufata uruhande rwo gukundwa n'abantu, canke wari guhagararana na Eliya?

61 Rero, mu minsi y'Umwami Yesu, igihe twokwiyumviriye kuri uwo Muntu atakundwa n'abantu, atigishijwe n'isi, nta mashure bari bashoboye gutora Yizemwo, kandi nta—nta n'ivyiseminari Yaciyemwo. Kandi—kandi Yakuranye izina "ry'ukuvuka ari ikivyarwa." Hanyuma aca Aza, Avuga ubutumwa bwari bunyuranye n'ivyo bari barigishijwe vyose. Cane. . .Kandi Acirako iteka abakozi b'Imana n'amadini yabo, n'ibindi.

62 Kandi amadini yari ya—ya—yatangaje ati: "Ni hagira umuntu n'umwe aja kwumviriza uwo muntu yitwa ngo ni umuvugishwa, azokwirukanwe mw'isinagogi," ico kikaba cari i—icaha gituma umuntu yicwa. Bategerezwa kuvyishura. Uburyo bwonyene bwo gusenga hari munsi y'amaraso y'umwagazi w'intama. Bategerezwa kuza kuri ico kimazi. Ba—bari rero baraciwe, ese ukuntu cari ikintu gikomeye.

63 Kandi uwo Mugabo ntiyitaho ibintu nk'ivyo. Yamara Yari Ahuye neza na neza n'Ivyanditswe, ariko atari mu buryo bari baBizi. Mbega wari kuja ku ruhe ruhande? Murabona? Rero, ntu. . .Ubuzima bwawe ubayeho ubu, buragaragaza neza ico wari gukora ico gihe, kuko uracafashwe n'iyo mpwemu nyene. Murabona? Namba ufata urwo ruhande ubu, hamwe na bo, wari kubikora n'ico gihe. Kuko, iyo mpwemu nyene iri muri wewe ubu niyo yari mu bantu ico gihe. Murabona?

64 Umurwanizi ntiyigera akuraho impwemu yiwe; ava gusa mu muntu aja mu wundi.

65 Imana ntiYigera Ikuraho Mpwemu WaYo, na Yo nyene; Ava muri umwe Aja mu wundi. Murabona?

66 Rero, Umwe Mpwemu nyene Yari kuri Eliya ni We Yaje kuri Elisa, Uwo nyene Aza kuri Yohana Umubatizi, n'abindi.

67 Mpwemu Yera, Yari kuri Kristo, ni We Yaje ku bigishwa, kubandanya, Aracari ku bantu. Murabona? Imana ntiYigera Ikuraho Mpwemu WaYo.

Kubw'ivyo rero, baratureka tukihitiramwo.

68 Kandi si—sinshobora kubona hano aho Paulo yicujije ikintu na kimwe, ngo avuge ko ababajwe n'uko yari imbohe. Ariko yariko aribwira we nyene. . .Nibaza yuko Paulo, igihe yandika iri kete n'iyo karamu, ko yari Mpwemu Yera Yariko Aratuma

aryandika. Ivyo, kumbure, mbere no gushika kuri uyu mugoroba, kugira ngo dushobore gukuramwo icirwa mu gisomwa cacu, ngo twerekane igituma Paulo yabikoze. Kuko, ni Ivyanditswe, kandi Ivyanditswe ni Ibihoraho. Nibaza, yuko, ari muri iri bohero rishaje ryononekaye, ariho Paulo yandikiye mugenzi wiwe hano, ko, mwene Se, ko yari "imbohe ya Yesu Kristo." Rero, yashobora kubivuga aravye ivyari bimukikuje. Rero, yari mw'ibohero, ariko ivyo si vyo yariko aravuga, abwira uwu—uwu mugurano wa Kristo, umukozi w'Imana mugenzi we. Yariko aravuga ko yari imbohe y'Ijambo rya Yesu Kristo, kuko Kristo ni Ijambo.

69 Kandi Paulo yari umuntu yize cane mu gihe ciwe. Yari afise imigambi ihambaye. Yari u—yari u—u—umuntu yari yarigishijwe hamwe na . . . n'abantu, umugabo umwe yitwa Gamaliyeli, akaba yari umwigisha ahambaye mu gihe ciwe, rimwe mu mashure ahambaye yashobora kujako. Nk'akarorero, nk'uko tubivuga, Wheaton, canke Bob Jones, canke ishure shingiro rimwe rihambaye. Yari yigishijwe nk'u—nk'u—nk'umukozi w'Imana mu vy'Ijambo. Kandi yari yarize neza, kandi aciye ubwenge, yari umuhungu w'incabwenge afise icipfuzo gikomeye c'uko kumbure umunsi umwe yobaye umuherezi canke umuherezi mukuru ku bantu biwe.

70 Yari afise icipfuzo. Hanyuma rero asanga, yuko, ivyo vyipfuzo bikomeye yari yarigishijwe, akamara ubuzima bwiwe bwose, kuva kumbure ku myaka nk'umunani canke icumi, gushika nk'imyaka mirongo itatu canke mirongo itatu n'itanu, igihe yaheza kaminuza akaronka urupapuro rw'umutsindo; kandi yari afise impapuro z'umutsindo n'ibindi vyose, yabonwa neza n'a—abakuru b'idini bose, no gushika ku muherezi mukuru i Yerusalemu. Yari afise amategeko yavuye kuri we, yamwihereye ubwiwe, yanditswe, yajeje uwo Sauli ahambaye, "Kumanuka i Damasiko, no kurondera abo bose basenga Imana mu buryo bunyuranye n'ivyo yavuga, ababohe abashire mw'ibohero." Bikenewe, yari afise amategeko yo kubica, abishatse. Yari . . . Yari afise umugambi uhambaye.

71 Aha rero, ivyo yari yarigishijwe, Imana Yari Yabimukuyemwo vyose. Murabona? Kandi intumbero yiwe, n'ico se wiwe yari yaratangiye amahera yiwe, n'ivyipfuzo vya se na nyina, vyose yari yabikuwemwo kubera ko—ko Imana Yari Ifise ikindi kintu. Kubw'ivyo, yari imbohe yakuwe ku ntumbero yiwe yari afise mu buzima, kandi yari yarahindutse imbohe ya Yesu Kristo, We Jambo.

72 Iyo nzira ija i Damasiko yarahinduye Paulo. Ariko aramanuka, nk'isaha zitanu, kumbure, ku murango, niho yatawe hasi. Maze niho yumva Ijwi, rivuga riti: "Sauli, uMpigira iki?" Aca araba hejuru. Nuko aravye hejuru, nk'Umuyuda, yari azi yuko Inkingi y'Umuriro Yari wa Mwami Yarongora abana ba Isirayeli, kuko yari azi yuko ari ico Yari.

73 Mwibuke, uwo Muheburayo ntiyari kwigera yita ikintu na kimwe "Umwami," urudome rukuru U-m-w-a-m-i, Elohimu, kiretse yabonye neza ko ico ari co Yari, kuko yari incabwenge yize. Kandi aravye hejuru, akabona Ico, Umuco, Inkingi y'Umuriro Yari Yarongoye ubwoko bwiwe mu bugaragwa, yaciye avuga ati: "Mwami," Elohimu, urudome rukuru M-w-a-m. . . "Uri nde, ga Mwami?"

74 Ese ukuntu bitegerezwa kuba vyaratangaje uwo munyateworojiya, kuvuga ngo: "Ndi Yesu," Umwe nyene yariko ararwanya cane. Mbega u—mbega uguhindukira! Oo! Oo! Bitegerezwa kuba vyari ibintu biteye ubwoba kuri uwo mugabo, kuko ivyipfuzo vyose yari afise, muri ako kanya yasanze kwari ukumuhama. Ivyipfuzo vyiwe vyari vyamutwaye kure—kure cane y'ikintu nyamukuru yashaka gukora. Kandi, bitegerezwa kuba vyabaye i—ibintu biteye ubwoba cane, kuri iyi ntumwa, igihe Yavuga ngo: "Ndi Yesu," Umwe nyene yariko arahama. "UMpamira iki?"

75 Uwundi murongo mutoya dushobora kuzana hano. Murabona, uko bashinyaguriza Ishengero, mu vy'ukuri ntibaba bariko barashinyaguriza Ishengero, baba bariko barashinyaguriza Yesu. "UMpamira iki?" Ni gute Paulo yari gushobora, n'ubwenge bwiwe bwose, kwizera ko Ivyo vyari. . . ko uwo Mugwi yariko arahama wari Ya Mana nyene yavuga ko akorera? Niyumvira yuko ivyo, tutagiye mw'ido n'ido, niyumvira yuko twese twigishijwe neza bikwiye kugira ngo mumenye ico nshatse kuvuga hano. Ivyo bintu nyene biriko birashika uno munsi.

76 Paulo, mu butamenya, naho yari incabwenge akerebutse, akerebutse cane gusumba abo Banyagalilaya batize yariko arahama, bari bamaze kwakira mu guca bugufi kwabo uyu Mugabo nk'Umwami. Ariko, Paulo, mu nyigisho ziwe zihambaye hamwe n'ubwenge bwiwe, ntiyashobora kuVyakira. Ukuntu bitegerezwa kuba vyaramuzaniye impunduka, kuri iyo nzira. Kandi yaciye ahumishwa, kugira ngo ntashitse ico yari yatumwe, ariko yarongorewe ahantu mu nzira yitwa Igororotse, mu nzu y'umwe. . .

77 Nuko rero haciye haza umuvugishwa, yitwa Ananiya, yamweretswe, aje, yarabonye aho yari, amanuka iyo yari, aca arinjira. Araheza avuga ati: "Mwene Data Sauli, Umwami Yakwiyeretse mu nzira uza; Yantumye, kugira ngo ndakurambikeko ibiganza vyanje, uhumuke kandi wuzure Mpwemu Yera."

78 Murabona aho yari. Mbega u—mbega ukuntu vyari ibikomeye kuri Paulo! Murabona? Yari yigishijwe gukora ibinyuranye n'ivyo. Kubw'ivyo, hamwe n'u—n'uko kwiga kose yari afise, nta—ntaco vyari bikimumariye.

79 Rero, yaramenye ko hari ico yari acishijwemwo. Rero ng'iki ikindi cigwa ciza kuri twebwe, ni uko, ivyo ucishwamwo vyonyene bidahagije. Bitegerezwa kuba ivyo wacishijwemwo bihwanye n'Ijambo ry'Umwami. Kubw'ivyo, we abibonye, kandi akamenya ko Cari Ikintu gihambaye, rero, ko hariho uwundi muntu yari yaraCakiriye imbere yiwe, yamaze imyaka itatu n'amezi atandatu hariya mu—mu bugaragwa bwo muri Arabiya; afata i—Bibiliya, nk'ukwo Yari ico gihe, Isezerano rya Kera, aca ajayo, kugira ngo—kugira ngo agereranye ivyo yari acishijwemwo, ngo arabe ko vyari bijanye n'Ivyanditswe.

80 Mbega vyari kumera gute iyo avuga ati: "Nibaza yuko ari akantu gapfuye gushika gusa," maze akibandaniriza? "Nku—nkurikire ubwenge bwanje"?

81 Rero, yategerezwa gucika imbohe y'ikintu kanaka, imbohe. Rero amaze kubigereranya, no kubibona, ntibitangaje ko yashoboye kwandika Igitabu c'Abaheburayo, nk'ikigereranyo. Murabona? Imyaka itatu n'igice ari hariya, yibereye mw'Ijambo, aca abona ko iyo Mana nyene Yamuhamagaye Yariko Iramugarukana, kandi Ihindura ubwenge bwiwe bwose, Ihindura ivyo yari yarigeze kwiyumvira vyose, ivyo yari yarigishirijwe kuzoba vyose. Imigambi yiwe yose, yaciye itumukira kure yiwe, aca acika imbohe. Urukundo rw'Imana rwari rwabaye igitangaza cane, n'u—uguhishurirwa nk'ukwo, ku buryo atashobora kuja kure yaVyo.

82 Ico nico kimenyamenya ca nyaco uwizera w'ukuri wese ahuye n'Imana acishwamwo. U—uhura n'Ikintu gihambaye cane, ku buryo u. . .ku buryo—ku buryo ucika i—imbohe, ukava mu bindi vyose. Murabona? U—uja kure y'ibintu vyose, kugira ngo wigire imbohe y'Ico.

83 Vyavuzwe igihe kimwe aho Yesu Yavuga Ati: "Ubwami bwo mw'Ijuru ni ikintu gisa nk'umuntu agura imaragarita. Abonye iyo Maragarita y'igiciro kinini, ashora ivyo afise vyose, kugira ngo aronke Iyo."

84 Kandi uko ni ko bimeze hano. U—ufise iciyumviro co mu bwenge, ufise u—u—u—uburambe bwa teworojiya; ariko iyo bishitse aho u—u—ubona vy'ukuri ca Kintu nyaco, u—uca ushora ibindi vyose, ukumira kuri Ico.

85 Paulo yari azi ico ari co. Ya—yarabonye yuko yari aboheye ku Kinku Kinaka. Ni nk'uko tubohesha i—i—ifarasi umugozi, ni ukugira ngo—ni ukugira ngo tuyiyobore. Kandi Paulo yari azi, inyuma y'ico c'ikimenyamenya yacishijwemwo, n'imyaka itatu n'igice yandika ivyo—ivyo yaciyemwo, na Bibiliya, yaratahuye ko Imana Yamutoye kandi ko Yamubohesheje Mpwemu Yera, ivyo yaciyemwo, kugira ngo ajane Ubutumwa Bwiza imbere y'Abanyamahanga. Mpwemu, Ubwiwe, Yaramuboshe.

86 Kandi, uno munsi, nk'abagurano ba Kristo, ubu turaboshwe, twarafashwe. Ntidushobora kugenda. Dushinze kuri Ryo,

tubohewe kw'Ijambo. Ivyo uwundi wese yovuga vyose, mubohewe kuri Ryo. Hariho ikintu muri Ryo, dituma mudashobora nyene kuja kure yaRyo. Mwabohewe kuri Ryo na Mpwemu Yera, Yababoheye kw'Ijambo. Kandi ivyo uwundi wese yovuga vyose, ni Ijambo gusa, iminsi yose. Yari abohewe kuri Ryo, yashizwe mu ngogo na Ryo, abohewe kw'Ijambo, na Mpwemu, yari aboshwe.

87 Yari yarigiye hariya mu—inyuma y'ubugaragwa bwa hariya muri Arabiya, aho, ivyiwe vyose vya kera, n'ivyo yaciyemwo, n'imigambi yiwe, ivyo, yari yaravyambuwe.

88 Rero, aho ni ho tubona, uno munsi, ko dutegerezwa kwamburwa, ubwa mbere. Kandi abantu ntibashaka kwamburwa. Mwene Data w'Umumetodiste ashaka kugumya inyigisho ziwe nkeya z'Umumetodiste. Ego. Mwene Data w'Umubatisita ashaka kugumya inyigisho ziwe nkeya z'Umubatista. Murabona? Ariko mutegerezwa kwamburwa vyose neza na neza, mukavuka ubwa kabiri, bushasha. Kandi uhereye aho, Mpwemu Yera Agafata uburongozi. Ntushobora kuvuga ngo: "Erega, ubu, papa wanje—wanje yavuze, igihe yinjira, yinjira mw'ishengero, yararamukanije n'umupasitori. We, ni umunywanyi mwiza w'intahemuka." Ivyo bishobora kuba vyari ku bwoko bwiwe, ariko turi ubundi bwoko. Murabona? Ubu dutegerezwa gusubira mu bihe vya Bibiliya ku bijanye n'uyu munsi.

89 Abaherezi na bo nyene bari baboshwe. Ariko, murabona, bari binjiye mu bundi bugabuzi, kandi ba—barananirwa kwiyambura ivy'ababoha vya kera no kwambara ivyo kubaboha bishasha.

90 Kandi ivyo nyene ni vyo tubona muri iki gihe. Twaraciye mu gihe c'idini, nk'uko twavyerekanye mu bihe vy'ishengero, Bibiliya, n'ibindi, ariko ubu dushitse mu gihe c'umwidegemvyo, aho Mpwemu Yera UbwiWe Amanuka, Akigaragaza, Akimenyekanisha, Agashitsa buri sezerano ryose Yatanze. Oo, bagenzi! Mbega igihe gihambaye!

91 Kandi yaramenye yuko, ikindi kintu, yamenye yuko atashobora kuja ahantu, aho, amaze kuboherwa kuri Iki, ko atari . . . ko kujayo, yamara we yarashaka kujayo. Yari azi yuko icipfuzo ciwe camukwegera muri bene Data aho bamutumira kuja, ariko yari agoberewe na Mpwemu gukora ikindi kintu. Ntiyari aciganza.

92 Kumbure umuntu yarashobora kuvuga ati: "Mwene Data Sauli, Mwene Data Paulo, turashaka yuko uza ng'aha, kuko dufise ishengero rinini gusumba ayandi. Dufise ikoraniro rinini gusumba ayandi. Amashikanwa yawe azoba ari menshi cane, n'ibindi."

93 Ariko agoberewe na Mpwemu Yera, yariyumvira ati: "Ndafise mwene Data hariya. Ndipfuza kuja gukiza uriya

mwene Data, ndamushikane ku Mwami." Ariko, yamara, Mpwemu Yamugobera kuja ahandi hantu. Yari imbohe. Ni vyo.

94 Ewe Mana, tugire imbohe gutyo, tuve mu vyipfuzo vyacu vyo kwikunda, no mu gutahura kwacu bwite no mu buryo bwacu bwiza gusumba bwo kwiyumvira, kuba imbohe ya Yesu Kristo. Niyumvira yuko ayo yari amajambo akomeye, kuvuga ngo: "Ndi imbohe ya Yesu Kristo."

95 Kandi mwibuke, We Ni Ijambo. Murabona? Ntaco bivuze ico uwundi wese yokwiyumvira, ni Ijambo. Murabona? Namba uri imbohe y'Ijambo, nta dini rishobora kukumatura kuri Ryo. Ni—ni Ijambo. Uri . . . Uri imbohe yaRyo, nta kindi. Utegerezwa gukora nk'uko Rikora.

96 Rero, ntiyoshoboye kuja ahantu hamwe hamwe ashaka kuja, kuko (kuki?) Mpwemu Yaramubuza. Muribuka, kenshi, yuko Paul yagerageza kuja ahantu, yiyumvira, ati, "Hariho ahantu noshobora kugira igikorane kininiya," ariko Mpwemu Akamubuza. None, mbega ivyo ntibigaragaza bikongera bikemeza yuko Paulo yari imbohe? Imbohe ya Yesu Kristo, yabohewe kw'Ijambo ryiWe, na Mpwemu! Oo! Ndakunda ivyo. Ego.

97 Yari aboshwe. Yari aboshwe n'umunyororo, n'imigozi y'urukundo, kugira ngo akore ubugombe bw'Imana, kandi ivyo vyonyene. Yari imbohe. Yari mu migozi y'urukundo. Yari mu ngogo ya Kristo. Ntiyashobora kuba mu ngogo z'ikindi kintu. Yari mu ngogo ziWe. Kandi aho Umurongozi Yaja, aho ni ho nawe yabwirizwa kuja. Atitayeho uko icanya caba kiremvye, ng'aha muri *uru* ruhande canke r*uriya* ruhande, yategerezwa kuja aho Umurongozi n'ingogo vyaja.

98 Oo, uyu mugoroba, ese iyaba twebwe, nk'Ihema rya Branham, twoshoboye gusa gucika imbohe; ku kwikunda kwacu, ku vyipfuzo vyacu, ku buryo twoshobora kwiheba rwose ubwacu kandi tukaboherwa kuri We. Uko abandi bose bokwiyumvira kwose, uko abandi bose bokora, tuboshe n'imigozi y'urukundo, turi imbohe. "Ibirenge vyanje bibohewe kuri Kristo, ku buryo bitazotamba. Amaso yanje abohewe cane kuri Kristo, gushika aho, iyo mbonye abo bagenda gusa b'iki gihe mw'ibarabara, Aca Ahindukiza umutwe wanje. Umutima wanje—wanje ubohewe cane kuri We, ku buryo ntoba ngishobora gukunda iyi si ukundi. Ubugombe bwanje bubohewe kuri We, ku buryo ntanakimenya ubu ivyipfuzo vyanje ivyo ari vyo. Gusa, 'Aho hose Uzondongorera, nzokurikira, Mwami.' Nzoba imbohe." Murabona?

99 Paulo yari imbohe nyayo. Nta jambo na rimwe ry'ikinyoma yariko aravuga. Yari yarigishijwe na Mpwemu Yera, vyongeye, kurindirira kw'Ijambo. Rero, yari yarigishijwe mu buryo bumwe, ariko—ariko ubu Imana Yari Yamwigishije mu bundi buryo. Yari

yarigishijwe na Mpwemu Yera kwitega Umwami, uko ivyipfuzo vyiwe vyaba bimeze kwose.

100 Ubu, mfashijwe na Mpwemu Yera, ngiye kubereka ikintu kimwe. Murabona? Rero muze gusa dufate akarorero.

101 Umunsi umwe, Paulo na Sila, bamanutse mu gisagara kimwe aho bari bafise umuvyuro. Hanyuma umukobwa mutoya arimwo dayimoni yaguma abakurikira, asemerera inyuma yiwe. Kandi ata nkeka Paulo yari azi yuko afise ububasha, nk' intumwa, bwo gukankamira iyo mpwemu mbi ikava muri uwo mugore. Ariko mwarihweje? Yararindiriye, umunsi ku wundi, kugeza aho, bukwi na bukwi, Mpwemu Yera Amubwira, Ati: "Iki ni co gihe."

102 Araheza aravuga ati: "Wa mpwemu we, muvemwo." Murabona? Yari azi kurindira Umwami.

103 Kandi aho ni ho abantu benshi cane muri iki gihe bamaramariza Ijambo. Bajana n'ivyipfuzo. Ni ibikorane bingahe vyasize ataco bikoze kubera ikintu nk'ico, kubera umuvugabutumwa atarindiriye kuraba ico Umwami Yashaka kuvuga! Bamwe muri bo bavuga bati: "Muze hano," maze ba—bagaca bagenda ubwo nyene kuko ishirahamwe ryavuze riti: "Genda." Mu gihe Mpwemu Yera Yari kuvuga igitandukanye. Yamara, icipfuzo c'uwo muntu co kuba umugenduzi mukuru canke—canke ikindi kintu, canke umukurambere, canke umusenyeri, canke ikintu kinaka, kiramukwegakwega giti: "Utegerezwa kugenda." Ariko, arazi ikiruta ico. Mpwemu Yera Avuga Ati: "Ja *hano*." Murabona? Abohewe kw'idini ryiwe. Ni imbohe y'idini.

104 Ariko iyo abohewe kuri Kristo, arongorwa na Mpwemu Yera. A. . .?. . .Murabona? We, araboshwe, imbohe. Ivyo uwundi wese avuga ntaco bihindura; ni—ni u—ni u—umuringa uvuga canke icuma kivuga kigasama. Yumva gusa Ijwi ry'Imana, kandi avuga gusa iyo Ryumvikanye. Nta na kimwe avuga.

105 Hari uwovuga ati: "Oo, Mwene Data Jones!" Canke, ng'urya, Mwene Data Roberts, canke umwe, aba bantu bahambaye bo mu gihugu cacu uyu munsi, nka Tommy Hicks, canke—canke—canke Oral Roberts, canke—canke MweneData Tommy Osborn, bamwe muri abo bakwiragizabutumwa bahambaye. Namba umuntu yovuga ati: "Hewe, ingo hano, Tommy. Uri umuntu w'Imana ahambaye." (Canke Oral.) "Kandi nda—ndafise datawacu aryamye hano, a—araboshwe. A—ararwaye. Nshaka ko uza. Ndazi yuko ufise inkomezi zo kumukiza." Murabona?

Kumbure Mpwemu Yera Akamubwira Ati: "Ntiharagera."

106 Ariko, naho biri ukwo, ku bugenzi afitanye n'uwo muntu, afise inshingano yo kujana na we. Atagiye, acika umwansi w'uwo muntu. Uwo muntu akavuga ati: "Yemwe, yagiye kwa *naka*, gukiza uriya mwana canke uriya muhungu. Ndazi

yuko yabikoze. Kandi ndi umugenzi wiwe, imyaka myinshi, murabona, none ntiyaje iwanje."

107 Ariko namba agoberewe na Mpwemu Yera kutagenda vyoba vyiza atagiye, niyaba abohewe ku Mana. Umugenzi wiwe, aramukunda. Ariko vyoba vyiza arongowe na Mpwemu Yera kujayo, kuko ntaco vyomumarira, uko biri kwose. Narabicishijwemwo kenshi cane.

108 Ariko Paulo yarindiriye ko Mpwemu Yera Amubwira ico gukora. Yavuze ko "yarindiriye Mpwemu." Yamaze ijoro ryose, avuga ubutumwa, hanyuma arasohoka, abona umugabo amugaye. Buno nyene, Mpwemu Avuganye nawe, nawe avuga ati: "Ndabona. . . " Gute? Kurya nyene yabonye ko bari bagiye kuzama, ku kizinga. Murabona? "Ndabona ko ufise ukwizera kwo gukira. Haguruka. Yesu Kristo Aragukijije." Murabona? Ng'ivyo. Ya—yari—yari aboshwe. Ashobora kuba yari yagize urukurikirane rw'ibikorane vy'umuvyuro vy'iyinga ata na kimwe kibaye, ariko naho vyari uko Yarindiriye ko Mpwemu Yera Avuga. Murabona? Yari abohewe kuri uwo muhamagaro.

109 Rero muravuga muti, "Mwene Data Branham, uriko urihakana ivyo wavuze kuw'iyinga, ku bijanye n'uko wari warindiriye uyu mwanya wose."

110 Ariko, mwibuke, yari Mpwemu Yera Yavuganye nanje hariya mu nzira, Aravuga Ati: "Ndakurungitse usubire mu barwaye n'abababaye." Murabona? Ni ukwubaha Mpwemu Yera. Ata nkeka. Sinagiye gushika Ambwiye ngo ngende. Narindiriye UKU NIKO UHORAHO AGIZE, gushika ndonse UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Rero, ivyo ntibisa. Murabona? Rero, Vyo, Ivyo biragira ico bihinduye. Ego.

111 Yarindiriye Ijambo ry'Umwami. Yagoberewe na Mpwemu, gukora gusa ico Imana Yamutegetse, maze ahinduka imbohe ya Yesu Kristo. Bagenzi, ese iyaba twashobora gusa guhinduka imbohe!

112 Ndazi ko hashushe. Ariko na—nashaka kuvuga ku bandi bantu bakeya, namba mwovyemera. Ndafise nka batandatu canke umunani nanditse hano. Ariko na—nashaka kuvuga uwundi umwe canke babiri.

113 113 Reka dufate Mose. Yavutse ari umucunguzi. Kandi ya—ya—yari abizi, ko yavutse ari umucunguzi.

114 Ariko imbere yuko mvuga kuri Mose, nipfuza kuvuga iki kintu, yuko, Imana iminsi yose Itora umuntu uwo ari wese, azoYikorera mu bwizigirwa, ngo abe imbohe yaYo. Umuntu ategerezwa guheba ivyipfuzo vyose afise, ikintu cose ari, ikintu cose—cose, ubuzima bwiwe, umushaha, umubiri, ubugombe, ivyipfuzo, n'ikindi kintu cose, maze agahinduka imbohe ishitse ya Kristo, We Jambo, kugira ngo akorere Imana.

115 Vyonasaba ko ugenda mu buryo bunyuranye n'uko wewe wiyumvira ko vyoba vyiza kuruta. Kumbure, mw'idini rinaka, woshobora kwiyumvira ko boshobora kukuduza no kuguha ikintu gikomeye, ngo ushobore kumenyekana. Ariko none wisanga uri iki? Wisanga waneshejwe, mu kanya gato, gushika aho Imana Yironkera umuntu ashaka guhinduka imbohe yaYo.

116 Imana Irondera imbohe. Yamye Ibikora. Mwoshobora kubisesa mu Vyanditswe. Umuntu ategerezwa kuba imbohe ya Kristo, akitandukanya n'ikintu cose. Kubw'ivyo, nta kindi ushobora kwifatanya na co atari Kristo; naho yoba so, nyoko, mwene wanyu, mushikawe, umugabo wawe, umugore wawe, uwo ari we wese. Wifatanya gusa na Kristo, We Wenyene, niho Imana Ishobora kugukoresha. Bitaraba uko, ntushobora.

117 Ndasohoka,rimwe na rimwe, ngakarira abantu. Murabona? Nge—ngerageza kubatuma muvavanura na vyo. Mutegerezwa kugira aho mutangurira, nk'uko rimwe na rimwe mvuga abagore bimosha imishatsi kandi bambara izo mpuzu, kandi babandanya bavuga ko ari Abakristo. Mwovuga muti: "Ico ni ikintu gitoya." Yemwe, mutegerezwa kugira aho mutangurira. Rero mutangurire aho nyene, kuri ABC. Murabona? Kandi mwitandukanye n'uko gusa n'isi, uko biri kwose, maze muhinduke imbohe za Kristo. Hanyuma rero mubandanye gusa, mwitandukanye n'ibintu vyose, gushika aho akagozi ka nyuma gacika. Aho rero uba uri—uri—uri imbohe, uba uri mu maboko yiWe, A—Aba Agufise mu maboko yiWe.

118 Rero, Mose yari azi ko yavutse ngo abe umucunguzi. Yari abizi. Mbe mwarihweje, hamwe n'ico cipfuzo Mose yari afise; azi ko nyina yabimubwiye, mu gihe yari umurezi wiwe.

119 Ata nkeka, igihe Mose wa mwana mutoya yavuka, nyina yavuze ati: "Urazi, Mose, igihe . . . So wawe, Amuramu, na jewe twasenga tudahengeshanya. Twari tuzi, kandi twarabonye mw'Ijambo, ko igihe cari kigeze c'ukuza kw'umucunguzi. Maze turasenga tuti: 'Uhoraho Mana, dushaka kubona uwo mucunguzi.' Ijoro rimwe, Uhoraho Yaratubwiye, mw'iyerekwa, ko uzovuka, kandi uzoba uwo mucunguzi. Ntitwatinye itegeko ry'umwami. Ntitwari twitayeho ico umwami yavuga. Rero, twaramenye ko wavutse uri umucunguzi. Rero, Mose, twari tuzi yuko tutoshobora kukurera neza."

120 Mwibuke, bari babaye, imyaka amajana ane hariya muri Egiputa. Murabona?

121 "Kandi twa—twashaka kuguha i—ikintu ciza, indero nziza, inyigisho nziza. Rero, naragufashe maze ndagushira mu kato gatoya, nca ndagushira muri Nili. Ukuntu bitangaje, ukuntu imipfunda yamanukanye aka kato gatoya mu marenga no mu rufunzo, maze ikamanukana epfo, ku birometero kure, kandi yagatumbereje neza na neza ku kirimba kwa Farawo, aho . . . aho umukobwa wa Farawo yari ari, aho ibenga yogeramwo ryari

riri. Ese ukuntu na—nari nzi ko azohava akenera umugore wo kukurera."

122 Kandi muri ico gihe, mu bisanzwe, ntibari bafise izi nkongoro zo konkerezako abana, rero yategerezwa kuronka u—uwumwonsa. Rero . . .

123 "Hanyuma, Miriyamu, naciye ndamurungikayo. Hanyuma ahagarara ng'aho, maze avuga ati, 'Ndazi aho nshobora kuronka umurezi yomwonsa' maze araza aca arantora. Hanyuma, Mose, imiryango yose yari yugaye. Mukundwa, ubu ufise imyaka icumi n'itandatu, kandi ugiye kuba umuhungu wa Farawo. Kandi umunsi umwe uzoba umucunguzi azokura ihanga hano."

124 Ivyipfuzo vya Mose bica bitangura gukura. "Nzokwiga mawe. Nzokwiga ibintu vyose nshobora. Urazi ivyo nzokora? Nzokwiga ukuntu mba umusirikare, nce menya ukuntu nkura iri hanga hano. Nzoba umujenerari ahambaye, musenyeri, gushika menye uko bikorwa. Kandi nzo—nzorisohora. Nzoronka urupapuro rwanje rw'umutsindo rw'ikirenga bita Ph.D canke LL. Nzo—nzobikora."

125 Nka "Patiri Chiniquy," namba mwarigeze gusoma ibitabu vyiwe. Ni vyiza. Yari agiye "kuzobohora Abaporoti bose," murazi, none yahavuye ahinduka umuporoti, ubwiwe. Rero, uyu mupatiri ahambaye, haraheze imyaka, "Patiri Chiniquy," mwategerezwa kurondera igitabu ciwe mukagisoma. Bamwita "patiri." Ni Mwene Data Chiniquy gusa, nico yari ari. Nta muntu n'umwe twita "data," nk'uko. Rero tubona ko—ko tu . . . Yari yihaye gusoma Bibiliya, kugira ngo ashobore kugenda kwerekana ubuzimire bw'idini ry'Igiporoti no kubihindura vyose Igikatorika. Maze igihe yaja gusoma Bibiliya, Mpwemu Yera Yaciye Amuzako, aca aronka Mpwemu Yera, hanyuma—hanyuma ahinduka umwe muri bo.

126 Rero ni mwihweze neza ibi, ko Mose yize ayo mashure yose. Kuko, we—yari abizi. Yari incabwenge cane, yarize cane, afise ubumenyi bwinshi! Gushika naho, ata muntu n'umwe . . . Yari ashoboye no kwigisha Abanyegiputa. Gushika naho, yari ashoboye kwigisha abahinga babo bize ivy'inyifato. Yarashobora kwigisha abajenerari babo ico igisoda gikomeye kiri. Yari umuntu ahambaye. Kandi abantu baratinya Mose, kubera ubukuru bwiwe. Oo, mbega ubumenyi! Bagenzi! Yari umusenyeri mukuru, canke kumbure nk'umupapa. Yari umuntu akomeye cane. Kandi yari u—u—umuntu w'inkomezi. Vyongeye yari azi ko yavukiye gukora ivyo, kandi yari yarigishijwe, afise icipfuzo gihambaye, co kubikora.

127 Co kimwe n'iki gihe. Simvuze ko abantu, kwigishirizwa muri aya mashure, simvuze yuko . . . Nk'uko bari, ng'aha mu Burengero ubu, bagiye kwubaka ishure rya teworojiya ry'imiriyoni ijana na mirongo itanu z'amadorari, murabona, ry'Abapentekoti, i . . . ishure ry'imiriyoni ijana na mirongo itanu

z'amadorari. Kubwanje, yotegerejwe kuba ay'abamisiyonari bari ku gikorwa. Murabona? Murabona? Murabona? Ariko, uko bimeze kwose, bakora iki iyo bavuye hariya? Ni ba nde? Umugwi wa ba Ricky. Neza na neza. Kandi rero uko niko bavayo bameze. Ni ko vyamye biri, ku bandi bose, kandi ivyo ni co kimwe. Murabona?

128 Rero turabona ko, ico gihe, Mose, n'uko kwiga kwose, n'iki gihe hamwe n'uko kwiga kose, tugira abasenyeri bahambaye n'ibindi, n'ivyo vyipfuzo bikomeye, bihanitse, tuzokora iki? Ivyipfuzo vyacu bihinduka buhoro buhoro nk'ivyo Mose yari afise. Murabona?

129 Imana, imbere yuko Yifatira uwo mugabo mu kiganza, Yabanje kumukuramwo ivyipfuzo vyiwe. Yategerezwa kumukuramwo inyigisho ziwe zose.

130 Yarasohotse maze aracungura; yishe Umunyegiputa umwe. Kandi we, n'igihe yabikora, yarabonye ko yakoze amakosa. Ntiyari gushobora kubikora. Ntiyariyo nzira. Rero Imana vyabaye nkenerwa ko Imujana mu gahinga, mu bugaragwa, ahantu mu bugaragwa.

131 Mwitegereze, bisa n'ibitangaje, ukuntu aba bantu, Imana Yari Ifitiye ubutumwa, Yabatwaye mu bugaragwa.

132 Yatwaye Paulo mu bugaragwa, kumwigisha, kumubwira ico ari co uku kwerekwa guhambaye, mu bugaragwa. "Genda mu bugaragwa bunaka." Araheza agumayo gushika Imana Imumenyesheje neza ivyo yokora.

133 N'igihe ca Mose, Yamujanye mu bugaragwa. Imugumizayo ikiringo c'imyaka mirongo ine, maze Imukuramwo teworojiya n'ivyipfuzo vyiwe vyose. Oo, mbega igihe, aho yashobora kuraba inyuma akabona ingene yananiwe. N'ukuntu twebwe, uyu mugoroba, twotegerejwe gukora ivyo nyene, igihe tubona i—ivyipfuzo vyacu.

134 Murabe ibikorane vyo gukira indwara, maze murabe namba Umwami hari ico Yakoze haraheze imyaka mikeya, ngo Itangure kugarukana ugukiza abarwayi, n'ibindi.

135 135 Buri muntu, idini ryose, kuko Bitaje mw'idini ryabo, bategerezwa kwironkera uwukiza indwara. None twakoze iki? Tubirabe akanya gatoya. Twakoze co kimwe n'ivyo Mose yakoze. Twaragiye maze tugerageza uko dushoboye kwikorera igisa n'igitangaza. "Naranukiwe n'indwara. Na—na—nagize amaraso mu kiganza", maze bakiremera igitangaza. Murabona? None twaronse iki? Bamwe muri abo bantu baca mu bigeregezo bikomeye, ku buryo barengerwa, bagaca bacika imborerwa za minsi yose, bafise uruhagarara, bagata umutwe, kandi barasubiye inyuma, bava kuri ya ntumbero ya mbere ya pentekoti, basubira gushinga kandi amadini n'ibindi. Murabona?

136 136 Twakoze iki? Twishe Umunyegiputa umwe. Ni vyo. Twaragerageje. Twarakoze ibishoboka. Twararishe. Twaratamye, twaramaze amajoro mu bikorane vy'amasengeso, gushika aho amajwi ahera. Kandi twa—twagerageje kwiremera ikintu, kuryohora ikintu kinaka, n'ubu bwoko bwose bw'ibintu, hanyuma dusanga ari ukunanirwa kwuzuye. Dukeneye gusubira mu bugaragwa. Ni vyo. Ego, mushingantahe. Ibigeragezo n'intambara. Kuki mutoheba? Ivyo ni vyo mwotegerejwe gukora, murabona, gusubira inyuma mugaheba. Erega, twakoze co kimwe nabo, nka ca kindi nyene Mose yakora. Ntaco bimaze. Inyuma y'imyaka mirongo ine, yisanze ari imbohe y'Ijambo Ry'Imana. Tugerageza gukora iki?

137 Mu gihe wa Muhezagiro ukomeye washika, n'ukugaragara kw'ivyo bintu vyose bihambaye Imana Yatubwiye: ingene dutegerezwa kuvuka ubwa kabiri; n'ukuntu dutegerezwa kuronka Mpwemu Yera; umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo; n'ibindi vyose hano.

138 Murabona, abantu, mu gishingo co kuguma kuri iryo Jambo, ngo baRiboherweko, bakora iki? Batanguye inyigisho zabo z'idini, zamaze kunanirwa, maze bagerageza kwiremera ikintu gisa n'Ukuri.

139 Vyoba vyiza ngejeje aho. Murabona? Ndazi neza ko mufise ubwenge bikwiye ngo mumenye ico nshatse kuvuga. Murabona? Ariko, yemwe, murabe ico vyakoze. Muvyiyumvireko.

140 Dufise iki, uyu mugoroba? atari—i—ihanga ryuzuye abantu bitunganije: bahakana Ivyanditswe vy'Imana; bita U—U—Ubugingo bwa Mpwemu Yera, ko: "Ari u—ugusoma mu vyiyumviro"; banka ivyo ko vyinjira mw'ishengero ryabo; kandi ntibokwemerera kuvuga Ijambo na rimwe rijanye n'uruvyaro rw'inzoka, Umutekano w'Ibihe Bidashira, n'ibintu Mpwemu Yera Yahishuye kandi Yemeje ko ari Ijambo. Nasavye kenshi nshimitse, kuza maze mukabinyemeza ko atari vyo.

141 Baronse iki? Ca kintu nyene Luther yari afise, n'abandi bose, murabona, bishe Umunyegiputa. Ni iki dutegerezwa . . . Cari igiki? Kumbure yatumye umuntu kanaka atangura . . . ahagarika kwiba, canke kumbure aba umwizigirwa ku mugore wiwe. Ariko none mwamuhinduye iki muri ivyo? Umunywanyi w'ishengero. "Ingo maze wifatanye n'umugwi wacu." Murabona?

142 Uwo muvyimba unuka, ni co kintu conyene yashobora kwerekana, c'intsinzi yiwe, inyuma y'imyaka mirongo ine y'ishure; Umunyegiputa anuka arambaraye aho, yapfuye kandi yaboze.

143 Bimeze nk'uko uyu mugoroba. Ikintu conyene dushobora kwerekana, kuri uyu muvyuro wakwiragiye hose (niko vyitwa), ni umugwi w'abanywanyi b'ishengero banuka ataco bazi ku Mana nk'uko Umusangwabutaka wo muri Afrika y'epfo ataco azi kw'ijoro ryo muri Egiputa. Ni vyo. Ivyo, bababwiye

ivy'Ijambo Ry'Imana, bavuga bati: " Ivyo sindavyizeye." Bavuga bati: "Ivyo muvuga ntaco bimbwiye, sindaVyizeye." Murabona? Murabona? Ni ibintu biteye agahinda kubona umuntu ategerezwa kubigarukako, inyuma y'ivyo bigeregezo n'ubutame n'ibindi twaciyemwo.

144 Kumbure twoshobora kwerekana ishure rininiya, ariko ryarapfuye. Twoshobora kwerekana idini rininiya, ariko ryarapfuye. Biranuka. Bimeze neza na neza nka ca kintu ca mbere twavamwo. "Ni nk'ingurube isubira mu vyondo, n'imbwa ku vyo yadashwe", iyo dusubiye inyuma. Umunyegiputa umwe yapfuye.

145 Ata nkeka ko hari uwavuze ati: "Mose, mbe, nta mpuhwe ugifitiye abo bantu? Wahamagariwe gukora ibi." Umuntu yari azi Mose kandi yari azi ko yahamagariwe ivyo. "Rero, ntu. . . Nta mpuhwe ugifitiye abo bantu?"

"Oya, mushingantahe."

146 "Ni kuki utagiye hariya, ngo ukore *ibi*? Kubera iki utangiye aho, ngo ugerageze *ibi*? Kandi ni kuki utabandanya hamwe n'abandi?"

147 Mose yari hariya ariko ahingurwa, gushika agize ico acishwamwo muri ca gisaka caka umuriro, cavuze Ijambo. "Ndi Imana ya Aburahamu, Isaka, na Yakobo. Kandi nibutse isezerano ryaNje. N'uko Nje kubabohora. Ni we ntumye kubikora." Vyari ivyo.

148 Yabonye Ijambo, atari imigambi y'abantu canke ivyipfuzo vy'abantu. None yahindutse iki? Ntiyashaka kongera guhangana n'Abanyegiputa ukundi. Ntiyashaka gusubira guhangana n'iki kintu ukundi. Ariko yahindutse imbohe. Amen. Imyaka mirongo ine yo guhunga, ahingurwa, maze ahinduka imbohe, kuri ca gisaka caka umuriro umwe Mose ahambaye hamwe n'ubwenge bwiwe bwose. Bibiliya Ivuga yuko Mose yari umuntu w'umunyenkomezi mu majambo no mu bikorwa, muri Egiputa.

149 Ariko mwitegereze ivyo uwo munyateworojija ahambaye yakoze Imbere ya ca gisaka caka umuriro. Yatuye gusa ukudashobora kwiwe. Igihe yabona intumbero y'ukuri y'Imana, yaratuye ko atari ashoboye kubikora. Yamara, yari yarigishijwe muri teworojiya yose bari bashoboye kumuha, yigishirijwe mw'ishure ryabo riruta ayandi. Ariko, n'ubwo biri uko, yashobora gukora iki igihe ya. . .irya Nkingi y'Umuriro yari hariya mu gisaka? Yavuze ati: "Sinshobora no kuvuga. Um-hum. Mwami, ndi nde, ngo ngende?" Murabona?

150 "Kura inkweto zawe, Mose. Nshaka tuvugane. Kura ivyo vyose, n'inkweto zawe. Uri—uryamye hasi gose kandi. Nshaka tuvugane."

151 Ntiyashobora no kuvuga. Vyarangiye ari imbohe yatoranijwe, umuvugishwa yatoranijwe, nk'uko Paulo yari

yaratoranijwe. Mose yatoranirijwe, kuba umucunguzi. Hanyuma rero, amaherezo, Imana Yari Ifise umuntu waYo yatoranijwe, w'imbohe yaYo. Oo, haleluya! Yashobora gusa kugenda iyo Ijambo Ry'Imana rimurungitse. "Nzovuga ko ari nde yantumye?"

"NDIHO."

"Nzokora gute?"

"Nzoba ndi kumwe nawe."

152 "Ego, Mwami, nk'uko Uvuze. Ndi hano." Oo, bagenzi! Ivyo, ni imbohe.

153 Yanyuranije n'ukwiyumvira neza kwiwe. Rero, yari yarigishijwe gutwara igisirikare. "Inkota, hejuru! Hindukire!" Yigishijwe kugenda: "Imikogote, nitonde urugamba! Amacumu, imbere! Fora!" Uko niko yari agiye kugifata. Ivyo nivyo yari yarize.

Ariko yavuze ati: "Nza gukoresha iki?"

Ati: "Ufise iki mu kiganza cawe?"

154 "Inkoni." Rimwe na rimwe Imana Ikora ibintu bikengeretse, ku bwenge bw'umuntu. Murabona? Yari afise inkoni mu kiganza ciwe. Ubwanwa burekera. Afise imyaka mirongo umunani. Umugore wiwe yicaye ku nyumbu; n'umwana ku bibero. Utuboko, dushaje tutakigira inguvu twenena; inkoni. Umutwe wiwe gusa wemye, kuko yari afise UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Kuki? Yari yamaze gushinga inanga.

155 Yari imbohe. "Nzogenda gusa Ijambo Ry'Imana Rinjanye. Nzovuga gusa aho Ijambo Rivuga."

"Ugiye hehe?"

156 "Mfise igikorwa kimwe: guhagarara imbere ya Farawo no kumwereka, n'iyi nkoni, ko Imana Yantumye." Amen.

"Uzoca ukora iki inyuma y'ivyo?"

"Izotanga igikurikira, maze gukora ibi."

157 Ng'ivyo. Ufise ikintu kimwe conyene co gukora, intambuko ya mbere, uyu mugoroba: ishikane, hinduka imbohe. Ntiwiyumvire kuri wewe canke ikindi kintu. Hinduka imbohe.

158 Mose yahindutse imbohe, yatuye ko atanashoboye no kuvuga. Inyuma ya vyose, Imana Yaramufashe mu kiganza caYo, aho yashobora gusa kuja aho Imana Imujanye. Aho, Yamubwira Ijambo. Yaramenye yuko ryari Ijambo, aca yishikana kw'Ijambo. Hanyuma Mpwemu Yera, Imana, Yaboheye Mose ku bugombe bw'Imana.

159 Ni co kintu nyene Yakoreye Paulo. Si vyo? Yaboshe Paulo; Umuyuda mutoya, w'izuru ryigonze, w'amanyama, oo, afise impapuro z'umutsindo za Ph.D. na LL.D. zanditse hose kuri we. Ariko Yavuze ati: "Ngiye kumwereka ivyo agiye kubabazwa kubw"Ijambo." Murabona? Kandi ya . . .

160 Hanyuma rero Paulo yicaye ng'aho abona Ijambo, kandi akabona ko yari Yesu, yaciye aduza ibiganza maze ahinduka uwabohewe kuri We. Urukundo rw'Imana rwamuboheye kw'Ijambo. "Azotwara Izina RyaNje imbere y'Abanyamahanga." Aca aragenda.

161 "Mose, NDI Imana ya ba sokuruza. NDI Imana ya Aburahamu, Isaka, na Yakobo. Nibutse ko Nabasezeraniye, kandi igihe c'isezerano kiregereje. Ndabona amagorwa y'ihanga ryaNje. Nibutse isezerano ryaNje. Namanukanywe no kukuboha. Murazi ico Ijambo Rivuga. Rero, Nakuboshe ngo umanukeyo, Nakuboshe n'ububasha, ngo umanukeyo ubohore ihanga ryaNje. Fata iyo nkoni mu kuboko, nk'icabona, kuko wabonye igitangaza cakozwe na yo." Kurya nyene kwa Dawidi, hamwe n'itopito. Murabona?

162 Aboshe, we ubwiwe, yaciye amanuka. Amaherezo, Imana Yari Ifise umuntu aYiyoboka, abohewe kuri Yo, kandi atashobora kugenda atari Ijambo ry'Imana rimutwaye. Iyaba abantu bakora ivyo gusa, uno munsi! Ico gihe, yari imbohe yaYo, imbohe y'urukundo, abohewe mu mugozi w'urukundo, hamwe—hamwe n'Imana, nk'uko Paulo yari abohewe ku Mana n'umugozi w'urukundo.

163 Kurya nyene kwa Paulo, bompi bigishijwe mu buryo bumwe. Mose yari yarigishijwe, murabizi, kugira ngo acungure abana ba Isirayeli n'inkomezi za gisirikare. Paulo yigishijwe kubakura mu maboko y'Abaroma no kubagira abidegemvya, biciye mu nkomezi zihambaye z'idini mw'isi kirya gihe. Amashure akomeye yo kwigisha, yigishijwe na Gamaliyeli.

164 Kandi bompi bagiye mu bugaragwa, um-hum; bagarutse ari abantu bahindutse. Bompi barabonye ya Nkingi y'Umuriro. Kandi bompi bari abavugishwa. Si vyo? Bompi, abavugishwa. Kandi bompi bavuganye na ya Nkingi y'Umuriro, ivyo ni vyo neza na neza, baje nk'abacunguzi. Nimubarabe; bagiye mu bugaragwa. Basize amazu yabo baja mu bugaragwa, kugira batahure. Basize abantu babo n'ibindi vyose, kugira bamenye ubugombe bw'Imana. Murabona?

165 Bigishijwe mu buryo bumwe; Imana Yarabahinduye baba abandi. Kandi bategerezwa kuba imbohe zishitse, kugira ngo ntibakore mu buryo bashaka gukora, ahubwo bakore mu buryo Imana Yashaka ko bakora. Uko Yari ejo, n'uno munsi niko Iri, n'ibihe bidashira.

166 Twoba dufise iyindi minota cumi hano, kugira ngo tubikore?

167 Ndaja ku wundi muntu ningoga. Hari uwo mbona imbere yanje ubu. Izina ryiwe ni Yosefu. Yari umwana yatoranijwe. Yari ikigereranyo gitunganye ca Yesu Kristo. Yavutse ari umuvugishwa. Yari umuvugishwa, nawe nyene. Murabona? Kandi yari ashoboye kwerekwa. Kandi igihe yari akiri umuhungu muto, yeretswe abona yicaye ku ntebe y'ubwami,

benewabo na bo bamwunamira. Murabona? Ariko murabe. Yacitse... Yiyumvise ameze nk'umuntu ahambaye. Murabona? Kandi bose...

168 Ariko none Imana vyabaye ngombwa ko Ikora iki? Yakoze vya bintu nyene Yakoreye abandi bose. Kuko, Mose yari umucunguzi, Paulo yari umucunguzi, na Yosefu rero yari umucunguzi. Yarokoye abantu biwe abakiza kigoyi.

169 None Imana vyabaye ngombwa ko Imugirira iki? Yamushize mw'ibohero, Yamushize neza na neza mw'ibohero. Ego, mushingantahe. Mwibuke, yagurishijwe na benewabo, ku Munyegiputa. Baca bamugurisha kuri Potifari. Ni uko Potifari amuha umwidegemvyo mukeya, kandi, ikintu ca mbere, murazi, barawumunyaze. Ng'uwo rero yicaye mw'ibohero, aboroga, aboroga. Imana yategerezwa kumwambura vyose.

170 Rero mwitegereze. Ariko, igihe cose, ndibaza, we, muri iryo bohero, yarashobora kwibuka yuko ivyo yeretswe vyavuga ko yari kuzokwicara ku ntebe y'ubwami, benewabo na bo bakamwunamira, kuko yari azi ko iyo ngabire yiwe yari yavuye ku Mana. Kandi yari azi ko vyari uko, vyategerezwa gushika.

171 Hamwe gusa twoshobora kubigumya ku muzirikanyi, kandi bihwanye n'Ijambo ry'Imana, yuko muri iyi minsi y'iherezo Izoba Ifise Ishengero, Izoba Ifise ihanga. Kandi ivyo bintu Yasezeranye, Izobikora. Yavuze ko Izobikora, kandi ubu turi muri ico gihe. Ni ho turi. Igerageza gusa kudushikana kuba imbohe nyazo ubu, tuboshwe na Yo.

172 Mwarumvise ya ndirimbo ya kera ivuga iti: "None rero nugaranwe n'Imana"? Nshaka kwugaranwa n'Imana. Rero, ni ho niyumviriye kuri ibi. Kuba wugaranwe n'Imana, ata kindi, kandi ukagenda gusa iyo Imana Ivuze ngo ugende. Ukora gusa nk'uko Imana Ivuga, murabona, hanyuma ukaba wugaranwe n'Imana.

173 Rero mwibuke, yariko ariyumvira. Kandi na we nyene yarananiwe vy'akamaramaza, kubwiwe. Ivyo yari azi vyose, ivyo yatahura vyose, n'ibintu vyose, yarananiwe vy'akamaramaza. Ntivyakunze. Yashizwe ahantu ata n'umwe yomwumvirije. Yari imbohe. Murabona? Yashizwe ahantu, abatizera batokwizeye. Murabona ico nshaka kuvuga? Igikorwa ciwe c'ibango ntaco cakora. Abantu birabira hirya. Ntibamwitaho mw'ibohero. None igikorwa ciwe c'ibango comumariye iki? Yarashobora guhagarara ku vyuma vy'ibohero akababwira ubutumwa; baca bibandaniriza inzira. Murabona? Ariko yahindutse imbohe. Kandi Imana Yaramuzigamye, imbohe, gushika ikigurudumu gihagaze neza. Yavuze Iti: "Ng'uyu umuntu waNje." Ubwiza! Uwananiwe vy'akamaramaza!

174 Amaherezo, Imana Yaraje kuri we mw'ibohero. Kurya kwa Paulo, kurya kw'abandi bose, Yaraje kuri we. Maze Ikoresha ingabire Yamuhaye, kugira ngo Imukure ng'aho. Ni vyo. Yaramukuye mw'ibohero yarimwo. None yakoze iki? Ikimara

kumukura mw'ibohero, yaciye ahabwa ubushobozi n'umwami, umwami wiwe, uwo yari yicaye hambavu, uwo yari abereye icegera. Yakuwe mw'ibohero, ahabwa ubushobozi, ku buryo, ivyo yavuga vyose, vyashika. Amen.

175 Mw'ibohero, yama yibuka ko yavutse kubw'intumbero. Yari kuzokwicara iruhande y'umwami. Abasigaye bose bari bagiye kuzomupfukamira. Ivyo yeretswe vyamubwiye uko. Amen. Ariko imbere y'uko ivyo yeretswe bishika mu buryo bwuzuye, yategerezwa kuba imbohe. Amen. Hanyuma aca aba umutware. Kandi avuye mu nzu y'ibohero, agacika imbohe y'Ijambo ry'Imana, ku buryo yashobora kuvuga gusa ivyo Imana Yashize mu kanwa kiwe ngo avuge, aho niho Imana Yagendera muri we.

176 Nimurabe, Mose yari afise ubushobozi bwo kuboha abaganwa ba Farawo, avyishakiye. "Hamwe wobwira uyu musozi uti: 'Shinguka.'" Uh-huh, uh-huh. Yari afise ubushobozi bwo kuboha abaganwa ba Farawo. Baba ari abadiyakoni, canke abakuru b'amashengero, namba ari aba—abaserukira reta canke ico bari cose. Yavuga ati: "Ndakuboshe," maze bakabohwa. Ni uko vyari. Yarashobora kubikora kubw'ijambo ryiwe, uko bimuhimbaye. Amen. Icubahiro ku Mana!

Oo, ndacafise nk'iyindi minota itatu gusa, reka nubahirize ivyo navuze.

177 Rero tubona yuko ya—yacitse imbohe y'Imana, avuye mu kuba imbohe y'isi. Kuva. . .Paulo, ni uko nyene. Na Mose, ni uko nyene, kuva ku kuba imbohe y'ivyiyumviro vyiwe, agacika imbohe y'Imana. Igihe yasohoka, yari afise ubushobozi bw'Imana. Kandi igihe yacika Paulo. . .Igihe ivyiyumviro vya Mose ubwiwe, yabiheba, akavyiyambura, yacitse imbohe y'Ijambo rya Kristo. Yashobora gusa kugenda aho hose. . .

Muravuga muti, "Kristo?"

178 "Yiyumviriye yuko ugucokoranwa na Kristo ari ubutunzi burengeye itunga ryo muri Egiputa." Rero yari imbohe ya Kristo, kurya nyene Paulo yari.

179 Mwibuke, bose uko ari batatu bari abavugishwa. Murabona? Kandi bategerezwa kwamburwa ivyiyumviro vyabo, kugira ngo bacike imbohe z'ubugombe n'inzira vy'Imana.

180 Hanyuma turibuka, rero, yuko yari afise ubushobozi bwo kuboha, kubw'ijambo ryiwe. Yari afise ubushobozi bwo kubohora, kubw'ijambo ryiwe. Yari ashoboye kuvuga ati: "Ndakubohoye, mw'izina ry'umwami wanje." Amen. Farawo yagize Yosefu umuhungu wiwe.

181 Kristo Abagira abiWe, imbohe z'urukundo, abana biWe. Kandi Abaha ubushobozi, bumwe nyene Yari afise. Yohana Mweranda 14:12, "Uwunyizera," murabona, "ibikorwa nkora nawe azobikora. N'ibiruta ivyo azobikora." Rero imbohe y'urukundo ya Kristo aca ahabwa ubushobozi n'Umwami wiWe

ari We Kristo. Amen. “Ni ukuri ndababwire, nimwabwira uyu musozi muti: ‘Shinguka,’ ntimubikekeranye mu mutima, ariko mukizera yuko ico muvuze gishika, muzoronka ico mwavuze. Ni mwaguma muri Jewe, Ijambo Ryanje Rikaguma muri mwebwe; namba mubohewe ku ngogo yaNje”, kuko We n’Ijambo ari co kimwe. “Mbere na mbere Jambo Yariho, kandi Jambo Yahoranye n’Imana. Jambo Yihaye umubiri kandi Abana natwe. Uko Yari ejo, n’uno munsi niko ari, n’ibihe bidashira! Ni mwaguma muri Jewe,” atari *hano* na *hariya*, “mugume muri Jewe, n’Ijambo RyaNje muri mwebwe; musabe ico mushaka cose, canke muvuge ico mushaka cose, kizobabera kuno.” Yari Afise ububasha.

182 Raba, imbere y’uko asohoka, yabanje kujanwa hanze ngo bamumwe. Hari ibintu kanaka vyari ngombwa ko amobwa imbere y’uko ahura n’umwami wiwe. Murabona?

183 Oo, Imana rimwe na rimwe Isohora abantu baYo nk’uko nyene, Ikabakurako ubugombe bwabo, Ikabereka yuko badashobora gukora ivyo bishakiye. Murazi ico nshaka kuvuga. Nti—ntibafise umwidegemvyo wo gukora ivyo bashaka gukora. Imbere y’uko bashobora kwinjira mu bushobozi bwuzuye no kuba imbohe y’urukundo rwa Kristo, bategerezwa kumobwa hanyuma bakerekanwa. Rimwe na rimwe Ibajana mu bugaragwa, kugira ngo Ikore uko, Ibamwe. Hanyuma Ikabakurayo, basizwe, kugira ngo bashitse intego Yabageneye. Murabona ivyo nshatse kuvuga?

BeneData, turi mu gihe c’iherezo.

184 Mwibuke, no mu bindi bihe, ni vyo yakoze. Igihe cose Ifata umuntu Ikamugira imbohe yaYo, agaheba ivyiwe. Ategerezwa guheba ivyo yari azi vyose, akibagira ivyo yigishijwe, n’ibindi vyose, kugira ngo bamenye ubugombe bw’Imana, kandi bakurikire Imana.

185 Ntashobora gukurikira ikintu na kimwe umuntu yakoze, n’Imana, mu mwanya umwe. Birahushanye cane, kimwe n’ikindi. Ntushobora kuba uriko uraja mu buseruko no mu burengero mu mwanya umwe. Ntushobora kuba uriko uraja iburyo n’ibubamfu mu mwanya umwe. Ntushobora kuba uriko urakora iciza n’ikibi mu mwanya umwe. Ntushobora kuba uriko urakurikira umuntu n’Imana mu mwanya umwe. Oya, mushingantahe. Mwo kimwe uriko urakurikira Imana canke umuntu.

186 Ubu, rero, namba uriko ukurikira Imana kandi ukaba warishikaniye Imana, aho uca ucika imbohe y’iyo Mana, y’iryo Jambo, y’ubwo bugombe. Uko ivyovugwa ahandi hose vyoba biri, wewe ucika i—imbohe y’Ico.

187 Umvirize. Turi mu gihe c’iherezo. Kandi ivyo nobivuga n’uguca bugufi n’ukwubaha, mu gihe iminota mikeyi ya nyuma iriko irarengana. Murabe. Ico Imana, ku ciyumviro canje, Izokora kandi Itegerezwa gukora, kandi Izokora muri iki gihe ca nyuma, ni ukwironkera igikoresho co kwimbura. Itegerezwa

kwironkera igikoresho, co gukubita isi. Umurimyi wese, iyo agiye kwimbura, ategerezwa kuba afise igikoresho akoresha; ata nkeka, ategerezwa kuba afise urukero rukarishe canke ikintu kinaka, igikoresho kinaka, co gukubita imbuto. Kandi ivyimburwa bireze.

188 Mana, Dufate mu kiganza caWe. Tugire abakozi baboshwe n'urukundo rwaWe. Dukoreshe nk'igikoresho, co gutahuza iyi si y'icaha yavumwe tubayeko uno munsi, yuko Yesu Kristo ari Wawundi ejo hahise, uno munsi, no mu bihe bidashira.

189 Kubwanje, Mana, reka mbe imbohe. Naho bene Data bose bompeba, naho abagenzi banje bose bompeba, nshaka kuba imbohe ya Yesu Kristo n'Ijambo RyiWe, ku buryo noshobora kuboherwa kw'Ijambo ryiWe, kubwa Mpwemu Yera, kubona Mpwemu Yera Atuma Ijambo ry'Imana ryemezwa n'ivyo nyene Yavuze ko vyokozwe. Nshaka kuba imbohe ya Yesu Kristo.

Reka dusenge.

190 Ndibaza, uyu mugoroba, mu gihe twunamitse imitwe yacu, namba ico cipfuzo dufise, co kuba ikindi kintu, canke kumbure ikintu twoshobora kwiyumvira, ikintu co kwikunda, ndibaza namba tutoshobora gusa kumera nk'ababishira ku ruhande.

191 Ndibaza namba umusore umwe ng'aha, uyu mugoroba, yihweza hirya no hino, akavuga ati: "Ngiye kuzoba, ni nakura, ngiye kuzoba *ikintu* kanaka." Ndibaza namba woshobora kwumva ubugombe bw'Imana bugendagenda mu buzima bwawe, ukavuga uti: "Oya, oya. Uh-huh, uh-uh. Ivyipfuzo vyanje ubu biratakaye. Kuko mu minsi iheze mikeya, Mpwemu Yera Yamye Avugana nanje. Nda—nda—nda—ndashaka kwishikanira Imana, kugira ngo mbe igikoresho co guhura muri iki gihe c'iherezo."

192 Umukobwa muto kanaka ashobora kuba afise ivyipfuzo vyo kuba umupfasoni mwiza, canke—canke kumbure umwigeme mwiza, canke kumbure umunsi umwe ukazogira Hollywood umwuga wawe, ndi—ndibaza namba udashaka ubu gushikana icipfuzo cawe mu Nyonga h'Imana n'Ijambo RyaYo, ukumva umuhamagaro w'Imana mu buzima bwawe. Imana Irazi uwo uri we.

193 Ndibaza namba hoba hariho umukozi w'Imana hafi, canke umusuku, umukozi wo mw'ishengero ahantu kanaka. Hano ndahaza, rimwe na rimwe. Si—sinzi n'ica gatatu c'abantu bicaye ng'aha, uyu mugoroba, ariko nda...muri aba bantu bari ku rushi bari ng'aha, ndibaza namba hoba hariho umuntu nk'uwo, yoshobora kuvuga ati, "Ntaco bintwaye ivyo uwundi muntu yovuga. Ndi umugurano w'Imana ubu. Nzo—nzo—nzokwigisha Ijambo RyaYo, ataco ndavye. Ntaco bintwaye ico, i—idini ryanje rinyirukanye, nzobandanya kugumana n'iryo Jambo. Ngi—ngiye kubikora. Ubugombe bwanje ni bwo bugombe bw'Imana. Ubugombe bw'Imana ni bwo bugombe bwanje.

Nzoba imbohe ya Yesu Kristo. Kubw'ubuntu bwiWe n'ubufasha bwiWe, nzobikora."

194 Muvyiyumvire, mu gihe twunamitse imitwe yacu. Ni bangahe mufise ico cipfuzo, uyu mugoroba? Mwoduza ikiganza. Ng'iki icanje, nanje. Ndahevye vyose. N'imitwe yacu yunamitswe ubu, buhoro buhoro, mu gihe muvyiyumvira ubu, mu gihe musenga.

> Ndahevye vyose,
> Ndahevye vyose,
> Vyose kuri Wewe, Mukiza Wanje Uhezagiwe
> Ndahevye vyose.
>
> Ndahevy-. . .

195 Murabishaka vy'ukuri? "Ndashaka kuba imbohe."

> Nda . . .

"Unjane, Mwami. Unjane ku nzu y'Umubumvyi, uyu mugoroba. Unjanjagure wese, maze wongere umbumbabumbe . . .? . . ."

> . . . kuri Wewe, Mukiza Wanje Uhezagiwe,
> Ndahevye vyose.

196 Data wo mw'Ijuru, mu gihe indirimbo ibandanya kuvuga, niyumviriye yuko ari vyiza cane muri uyu mwanya, gu—guciramwo iyo ndirimbo mvugane naWee akanya gato. Mu gihe abantu bariko bariyumvira bati: "Ndahevye vyose," Data, ese twoshobora kubikora, nk'aho koba ariko karyo ka nyuma ko kubikora. Reka tuze bivuye ku mutima, kandi twegere imeza y'Umwami, nk'uko nobivuga, twambaye impuzu zimesuye, imishaha yejejwe, ubugombe bwejejwe, ivyipfuzo vyejejwe, kugira ngo twishikane.

197 Kandi Imana Ifate Ijambo RyaYo, Itubohere kuri Ryo, Ijambo Ry'Imana. Mpwemu Yera Ashobore kudufata ubu, mu gihe twumva ingogo izunguruka imitima yacu, "Uhereye kuri uyu mugoroba, ndagufatiye kw'ijambo ryawe. Ubu ntimwiyumvire ivyiyumviro vyanyu. Mwiyumvire ivyiyumviro vyaNje. Mwiyumvire ubugombe bwaNje. Nzobarongora." Mana, Bituronse kugirango bibe icigwa ku muntu wese muri twebwe.

198 Aba bantu bakiri bato bicaye ng'aha; umugabo n'umugore; na bamwe bagiye kuba umugabo n'umugore. Hariho abantu bakuze gusumba bicaye ng'aha, abo ni abakozi b'Imana, bafise ivyo bacishijwemwo muri iyi nzira. Kandi, Mwami, ng'aha hariho Mwene Data Neville, na jewe nyene, ndiko ndashika hejuru ku ngazi. Iminsi yacu iraharuye ubu. Intambwe zacu zikorwa mu bwitonzi gusumba uko twahora tuzikora. Turaba neza aho duhonyora. Ntitucizeye neza intambuko zacu, tuvuze mu buryo bw'umubiri, nkuko twahoze turi. Ariko, Mwami, mu gihe tubona ko ubu buzima bupfa buriko burazimangana, rero nta n'imwe mu ntambuko zacu yizewe Utadufashe ukuboko.

199 Rero, Mana, Udufate, Urabidukorera? Ufate imitima yacu n'ubugombe bwacu mu biganza vyaWe, kandi Ureke duhinduke imbohe z'Ijambo, uyu mugoroba, imbohe za Kristo. Dushobore kubaho ubuzima bwejejwe hano. Aba bagore, aba bagore bakiri bato, aba bagabo bakiri bato, abahungu n'abakobwa, bashobore guheba ubuzima bwabo, Mwami. Kandi ivyipfuzo vyabo bishobore guhinduka ivyipfuzo vyo gukorera Yesu Kristo, kandi reka, bahinduke imbohe z'Ubuntu n'ubugombe vy'Imana. Ubikore, Mwami.

200 Ni vyo vyonyene nzi gukora, Mwami. Aya majambo make acikagurika, kandi ndi—ndizigiye ko Uyashira hamwe, neza. Kuko, harashushe ng'aha, kandi abantu bashaka kwumviriza, ariko vy'ukuri harashushe. Kandi benshi bategerezwa gutaha no kuja ku kazi hakiri kare. Ariko izo mbuto zishobore kuba mu mutima wabo, "imbohe."

201 Utahe muhira maze ubwire umugore, mu gihe ba… imbere yuko bitegurira gupfukama no gusenga, uyu muhingamo, canke uyu mugoroba, iruhande y'igitanda, murabane, muvuge muti: "Mukunzi, ubibona gute, uyu mugoroba? Mbega vy'ukuri twahindutse imbohe za Kristo n'ubugombe bwiWe, canke—canke dukorera mu bugombe bwacu bwite?"

202 Abagabo n'abagore bakiri bato, ahantu hose, cane cane abumvise ubu Butumwa, uyu mugoroba, bashobore kwibaza ico kibazo kimwe bati: "Mbega ndiko ndahinduka imbohe, ndaretse ubuzima bwanje bwite?"

203 "Ugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uzoheba ubugingo bwiwe kubwaNje azobukiza." Data turazi, ico ari co: guhinduka imbohe yaWe, gutakaza ivyipfuzo vyacu n'ivyo dushaka, kugirango turonke ivyaWe, tugaca turonka Ubugingo Budashira. Ubiduhe, Mwami.

204 204 Ikintu conyene nzi, ni ukubishira mu biganza vyaWe. Kandi bishobore kuba ivyuzuye ivyamwa no kuzana ibikoresho bikomeye—bikomeye vy'iyimbura ry'igihe ca nyuma, abagabo n'abagore, abahungu n'abakobwa bihebeye ubugombe bw'Imana bushitse, kandi bahindutse imbohe za Yesu Kristo, z'urukundo rwiWe, babohewe kuri Kristo n'iminyororo y'urukundo rw'Imana. Tubisavye mw'Izina ryiWe.

Ndahevye vyose,

Duhaguruke.

Ndahevye vyose,
Vyose kuri Wewe, . . .?. . . wanje

205 Tubivuge ubugira kandi, dufunze amaso yacu kandi dutaritse ibiganza vyacu.

Ndahevye vyose,
Ndahevye vyose,
Vyose kuri Wewe, Mukiza Wanje Uhezagiwe,

Ndahevye vyose.

206 Ubu, twunamike imitwe yacu, maze imbere yuko indirimbo yo gutandukana iririmbwa, ngo *Jana Izina Rya Yesu Hamwe Nawe*, ngiye kubaza ko—ko uyu mwene Data ng'aha... Ndibagiye izina ryiwe. Uyu mushikiwacu yashinze intahe yerekeye iyerekwa ku mwijima waje kuri we, kandi yarakize. Kandi mwibuke, ndavye inyuma, uwo mwitwikiro wari wazimanganye. Ni ukwizera kwiwe kwabikoze. Mwene Data, urashobora guheraheza n'isengesho? Maze udusabire imihezagiro y'Imana.

63-0717 Imbohe
Ihema rya Branham
Jeffersonville, Indiana Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org